# Kubera Iki Ntemeranya N'Uburyo Bwo Gusenga Bwitunganije?

Jeffersonville, Indiana, USA

11 Munyonyo 1962 Ku Mugoroba

1 Urakoze, mwene Data Neville. Murashobora kwicara. Nagira mbanze mvugeko nafatiriwe cane uno musi ku buryo hari amaterefone amwe amwe y'abarwayentashoboye kwishura. Hariho abantu bamwe bamwe nategerezwa gusengera kandinategerezwa kuja kwirabira jewe nyene ubwanje. Billy yambwiye ko abantubamwe bamwe baje bava muri Kanada n'ahandi hantu habiri canke hatatu. Iyo bajengaha bama bategerezwa kurara mu mahoteli no muri ya mazu yakira ingenzi.

Ntegerezwa kuja kubaraba maze nkabasengera mu gihe baba bavuye ahantuhatandukanye mw'isi, muri Aziya, i Buraya, n'ahandi henshi. Iyo turi ngaha, kumusi ku musi abantu baraza. Hari abarenga amajana atandatu bari ku rutondebarindiriye umubonano w'umwihariko, ivyo bica bituma bigorana bukebuke.Ngerageza kuraba abantu bagwaye vy'ukuri n'ibintu vyihutirwa ntegerezwa gusengera.

2 Haraheze akanya gato ngiranye umubonano n'abafise ivyo bajejwe ngahamw'ishengero. Ivyo vyancereje nk'ikiringo c'isaha n'igice. Muri ico gihe ngahahategerezwa kuba hari abantu nabwirizwa gusengera. Namba bari ngaha nagombakubasengera muri kano kanya. Namba abo bantu twategerezwa gusengerabagomba vyukuri kuza hano mu gihe mushiki wacu avuza piyano azoba arikoaratuvugiriza indirimbo ivuga ngo: Muganga Mukuru ari hafi ubu, Yesuuwubabarana natwe mu ngorane. Abakeneye gusengerwa bose, namba vyukuribagomba kwegera hano; sinzi igitigiri cabo. Bamwe bene Data ni mwebwe,

ndavyibaza? Bene Data, narababarijwe cane mu mubiri wanje bwite. Yesuyarikoreye umubabaro mu mubiri wiwe kugira ngo ashobore kuba Umuhuzaabereye kuko ari We Mana yambaye umubiri kugira ngo ishobore kubabazwa.Yarashobora kwumva ububabare bw'ubumuga. Kandi ni co gituma yaje kuba impongano. Gurtyo yatumye ishengero ryiwe ngo ribandanye igikorwa ciwe.

3 Ndubahiriza cane umwuga w'ubuvuzi, ivyo kubaga abarwaye n'ibindi vyose,kubw'izo mpano zose Imana yatanze kugira ngo bashobore gukorera umubiriibintu kanaka, ngo babage abarwaye, ngo bakure amenyo arwaye n'ibindi. Ivyondabishima. Ariko harashika ibintu birengeye ugutahura kwabo maze ntibamenyeico bokora, murabibona? Ndibaza ko dufise rwose uburenganzira bwo gukora ico

twokoze mu buzima busanzwe iyo tugiye tugana umuvuzi wacu w'umuryango abankumbure ari umwe wo muri ba bavuzi beza ba kera bo mu misozi baza kubavuriraiwanyu mw'ijoro baca hagati mu mirima bafise itara. Iyo indwara yanyu imurengeye, azoca aja kurondera uwubizi kumurusha, azoca abarungika kuwabinonosoye. Maze iyo umuhinga na we nyene ataco ashoboye gukora, ndanezerewe n'uko ngifise irindi soko, Umuganga Mukuru.Kandi uwo, we, ntazorengerwa n'indwara yanyu kuko ari We Muremyi ubwiwe. Kandi yaraciye inzira kubwacu.

4 Iyo nja kuba mfise muri jewe ubushobozina buke bw'ugukiza indwara, nobukoresheje. Nonezererewe no kubikora! Arikokubijanye n'ubushobozi bw'ugukiza indwara, nta na bumwe mfise; nta muntun'umwe afise ubushobozi bwo gukiza indwara. Ariko twarahawe na Kristoigikorwa co gusengera abarwaye, twabuhawe na We, We yamaze kutubitsa

ubushobozi bwo gukiza indwara. Murabitahura? Kandi mu kuvuga gurtyo, tuzagusa gutora isheke [isheke ni agapapuro umunywanyi w'ibanki agura akagakoresha mu gihe cokubikuza - U] muri ubwo bubiko. « Ico muzosaba Data cose mw'Izina ryanje... »Ivyo, ni sheke atacanditseko. « Ico muzosaba Data cose mw'Izina ryanje,

nzogikora. » Mbega isezerano! Ntirishobora kudashika. Narafashije bene Data nabashikanje bari mw'isi yose gukura ayo masheke muri ubwo bubiko bw'Ibankiy'Imana biciye mu Maraso ya Yesu Kristo. Ivyo vyarakunze neza cane. Yamayishuye kuko ububiko bwari bwaramaze gushirwaho. «Yamara yacumitiwe ivyacubicumuro... kand'imishishagu yiwe niyo idukiza.» Murabona, vyose vyararangiye. Kandi kuri uno mugoroba turanezerejwe n'ukwizera kwanyu.

5 Umengo Billy yambwiye ko mwene Data umwe yagenze urugendo rurerureava muri Kanada cank'ikindi kintu nk'ico. Mbega ni ivy'ukuri? Muri mwene Datawo muri Kanada? Mweho ga mwene Data? Muva i Kendalville muri Indiyana,hafi y'i Fort Wayne. Nagiriye ubugeni i Fort Wayne. Ndavyibuka neza! Hariyanaragirishijeyo amakoraniro menshi mw'Ihema rya Redigar. Ndibaza ko muzi ahoriherereye. Ndibuka nkiri umusore, nigishwa na Paul Rader mw'Ihema ryaRedigar. Ico gihe niho nari ngitangura kuvuga ubutumwa. Mwene Data Paulo yariumuntu ahambaye, co kimwe mbere na mwene Data Redigar; bari abantu bafise

ukwizera. Kuri uno mugoroba, ubugingo bwabo buraruhutse. Kuva mu bwanabwanje nagerageje kubandanya ivyo basigaje, ivyo Yesu yasigaranye Ishengero ryiwe gushika kw'iherezo.

6 Naje kubasengera n'ukwizera kwanje kwose. Sinza ngaha ku gihamana.

Ntibikwiye namba ko ibintu vyigera bikorwa muri ubwo buryo, ntibibereye. Tuzatwizera ko tuja

kuronka ivyo twasavye, tuzi ko Imana yabisezeranye. Tuza dufise mu mitima yacu ubushizi bw'amanga ko Kristo yatanze isezerano kandi komwebwe, bene Data, mwagerageje kuzana ukwizera kwanyu ku gicaniro, komwakoze ivyo mwari mushoboye vyose. Kandi kuri uyu mugoroba nje gushirahamwe ukwizera kwanje be n'ukwanyu. Murabitahura?Dufise rero igicaniro c'ubwiza gishika mw'Ijuru kandi kuri ico gicaniro hariIkimazi cacu, Umwana w'Imana. Murabitahura? Ni ico Kimazi kiviriranaamaraso. Imana ntishobora kukiraba ngo ireke kucubahiriza kuko, muratahura, ni Ijambo ryayo. «Nguyu Umwana wanje nkunda. Nimumwumve.»

7 Nagira nsabe mwene Data Nevile, umushingantahe w'Ishengero, ashoborekwegera aho ndi mu gihe tugira dusenge. Nagomba ko ishengero ryose... Mbegamwobigenjeje gute iyo aja kuba ari mwene wanyu, umugabo wawe, umuhunguwanyu, so wanyu? Ni umuntu, ni muvyibuke! Dufise imitima yose ikeye nk'ukodushoboye, ubu twegere Imana rero kubw'abo bene Data. Twunamike imitwe

yacu. Data wo mw'Ijuru wuzuye ubuntu, ubu twegereye mu Nyonga hawe duciyeku gicaniro c'ubuntu; n'aho ngaha kw'isi duhagaze gusa i ruhande y'intebe ntoyiikozwe mu giti. Ariko ukwizera kwacu kwatuzamuye gushika kuri ico gicaniroc'ubwiza caka umuriro hejuru aho Yesu ari (Umukiza, ikimazi kivirirana amarasoc'i Karuvariyo gisuka ubumote bwiza imbere y'Imana), Uwanesheje indwara zose,

urupfu, kuzimu, imva, yazutse maze akaduga mw'ijuru kugira ngo yicare i buryobwa Nyenicubahiro. Kandi tuje mu kwizera, mu kuduga gushika hariya mu buntubw'Imana kugira ngo tubwirire hejuru y'ico gicaniro Umuremyi mwiza w'amajuru n'isi tuti : « Twakire, Mwami, mu gihe twegereye mw'Izina ry'Umwami Yesu ».

8 Ng'aba bene Data, umwe muri bo avuye i Fort Wayne ngaha muri Leta

Zunze Ubumwe za Amerika, uwundi yafashe inzira yose kuva muri Kanada, yajekubw'aka kanya kadasanzwe. Mwami, ni aho ugukira canke gupfa. Ng'abaabagabo babiri kandi bakiri bato, bashobora kugukorera kandi igihe kirekire,abasoda babiri b'abakristo bakwizera. Ariko umwansi yabarashe umwampi urikoubumara uca ugema ahantu hamwe mu mubiri wabo none bagarutse, baganaivuriro ry'Ubuntu bw'Imana kugira ngo bashobore kuronka ukwiyuzuza n'Imanan'ugukira indwara, ku buryo boshobora gusubira kuja ku rugamba bikingirijeinkinzo maze bafatanye natwe urugamba. Baje kwifatanya n'ingaboz'amasengesho hamwe natwe, Mwami. Kandi tugiye guhura n'umwansi.

Mw'Izina rya Yesu Kristo, babohore! Turagutegetse mw'Izina rya Yesu

Kristo: bareke bagende!Ni abarwanyi bari mu rugamba. Maze ubu nk'umushumba wawe ndegerejekugira ndabarambikeko ibiganza mfise ukwizera, nizera ko ibi bimenyetsobizokurikira abazoba bizeye, nk'uko Umwami wacu yabivuze, Umugabisha wacu mukuru mu rugamba ati : «Bazorambika ibiganza ku barwaye kand'abarwaye

bazokira.»Ivyo ngira ndabikore mw'Izina rya Yesu Kristo. Ubushobozi bw'uburwayibuboshe umubiri w'uyu mwene Data ni bumuvemwo, mw'Izina rya Yesu Kristo!Ubushobozi bw'uburwayi buboshe umubiri w'uyu mwene Data nibumuvemwo, mw'Izina rya Yesu Kristo!

9 Mana Ishobora vyose, Muremyi w'Ijuru n'si, Nyene ubugingo budashira,

Muhanyi w'impano nziza zose, cuncuburira imigisha yawe ku bo twahezagiye.Nk'uko bivugwa mu Vyanditswe ngo: « Nimwabwira uyu musozi muti: Shinguka,maze ntimukekeranye mu mutima ariko mukizera yuko ico muvuze kizoshikamuzoshobora kuronka ico muzoba mwasavye. » Ndizera yuko uburwayi baribafise bwavuye mu mibiri yabo. Ni bibe gurtyo. Amen!Mw'Izina ry'Umwami Yesu, ndizera ko mwidegemvya. Mw'Izinary'Umwami Yesu Kristo, ndizera ko mwidegemvya. Amen! Mbega ikoraniro rivyizera gurtyo nyene? Rero ni bibe gurtyo.

10 Mbega hano hoba hakiriho abagomba ko twobibuka mw'isengesho?

Murashobora kuduza ibiganza. Tumwegere rero mu gihe umwe wese arambitseikiganza kuri mugenzi we. «Ng'ibi ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera...» O Mana yacu yera cane! Mu kwizera niho tubona Yesu kandi tukizera ko arihano. Abera maso Ijambo ryiwe. Yaravuze ati: «Aho babiri canke batatu bazobabakoraniye mw'Izina ryanje, nanje nzoba ndi hagati yabo. » Ubu rero, Data womw'Ijuru, ubushobozi bw'Imana Ishobora vyose ni bukore kuri aba bantu,Mwami, mu gihe amaboko yacu twayafatanije kandi umwe wese yarambitse

ibiganza kuri mugenzi we. Warahaye Ishengero itegeko ry'igikorwa rya nyuma rivuga ngo: « Kandi ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera n'ibi: ...bazorambik'ibiganza ku barwaye kand'abarwaye bazokira. » Warabisezeranyekandi turavyizera. Ubu rero ivyo vyakozwe kandi turaguhimbaza kubw'ivyomw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Kandi mw'Izina rya Yesu Kristo, ubushobozi bw'Imana nibusige amavuta

utu dutambara twazanywe n'abarwaye hamwe n'abari n'ivyo bakeneye. Maze mugihe tuja gutahanwa

hanyuma tukarambikwa ku barwaye, bikunde bishike ko abobakira. Turasoma muri Bibiliya ko bashira ku barwaye udutambara twakozwekona Paulo, hanyuma impwemu zihumanye zigasohoka maze abarwaye bagakira. Data, ndazi ko ntari Paulo, ariko Wewe wama uri Yesu ibihe vyose. Kandi turagusavye ng'uduhe ico dusavye kubw'icubahiro cawe. Amen.

11 Sinzi ko igikorwa co gufata amajwi y'ibivugwa camaze gutangura. Camazegutangura? Namba atari uko, nagomba ko batangura gufata amajwi y'ibivugwaubu rero. Ndibaza ko ari ko bimeze. Ndizigira ko ntaja kubarambira kuri uyumugoroba. Nataguye hafi iminota mirongw'itatu canke mirongw'itatu n'itanuimbere y'umwanya utegekanijwe. Kuri uyu mugoroba kija kuba ari icigwa co kuw'iyinga kandi nari nibaza ko nkumbure vyoba vyiza mu gihe nari gushobora gushira ku makaseti ikintu mfise ku mutima. Turiko turitegurira kwinjira mukiringo gishasha co kuronkamwo Ihema rishasha ryasanuwe neza rikagirwa rishasha.

12 Ubu rero nagomba gusoma imirongo mikeya yo mu Vyanditswe. Namba

mugomba gusoma hamwe nanje, turaja gusoma muri I Samweli ku gice

c'umunani; turaja gutangurira gusoma umurongo wa 4 gushika ku wa 10, hanyumaturaja gusimbira ku murongo wa 19 n'uwa 20 kugira ngo ducungure umwanya.Nimuye impapuro nyinshi zo kwishimikizako muri Bibiliya izo mushoborakuronka namba mufise ico mwandika kandi umushingantahe Maguire azoshirahafi amakaseti kugira ngo mushobore kuyaronka Kandi nagomba ko iyi kaseti ifatirwa bene Data b'abavugabutumwa,kubwo abatantahuye, cane cane kubwa bene Data bo mu mashengero y'amadini. Abenshi muri bo bari mu madini.

13 Kuri aka kagoroba umutwe w'icigwa canje uja kuba : «Igituma ntemera ayomadini?»Ngira nsome ubu rero imirongo yo mu Vyanditswe ija kumbera ishimikiro kugirango bibe ibihuje neza n'Ivyanditswe. Ubwa mbere ndaja gusoma I Samweli 8 :4-10, hanyuma imirongo ya 19 na 20. Ku bariko baranyumviriza tubonana kuri uyumugoroba ndabasavye nshimitse kwandika iyo mirongo yo mu Vyanditswe mazemuyisomere i muhira mwitonze. Kandi namwe, bene Data muzokwumviriza iyi kaseti, ndibaza ko mutonezererwa gusa no guhagarika iki cuma gifata amajwi igihemuzokwumva ikintu mutemera, ariko ko muzorondera Imana muri ivyo kugira ngomurabe ko bihuje n'Ivyanditswe. Ndibaza ko dukwiye kubigenza gurtyo kuritwebwe ubwacu no ku butumwa bw'iki gihe.

Ndizera neza ko amashengero yose arimwo abakristo kandi biragaragara neza ko ntavuga ndwanya abakristo. Ariko namba nakoze ivyonakoze kandi nkavuga n'ivyo navuze, ni kubw'uguhumekerwa na Mpwemu Yera kw'Ijambo.

14 Ubu rero mu gutangura dusome muri 1 Samweli, igice ca 8, umurongo wa 4gushika ku wa10.

«Nukw'abakuru b'Abisirayeli bose barakorana, baja i Rama kwa Samweli,

baramubarira, bat'Ehe raba urashaje, kand'abahungu bawe ntibafise ingesonk'izawe; none rer'utwimikire umwami wo kuducira imanza nk'ayandi mahanga

yose. Arikw'iryo jambo ribabaza Samweli, ko bavuze ngo n'abahe umwami wo

kubacira imanza; araheza asenga Uhoraho. Uhoraho abarira Samweli, ati

Niwemerere abo bantu ico bakwatse cose, kukw'atari wewe banse ariko ni jewebanse ngo simbe Umwami wabo. Bakugiriye nk'uko bangiriye muri vyose, uhereyeumusi nabaduganye mbakuye muri Egiputa ukageza n'ubu; kuko bantaye,

bagasaba izindi mana. None rero n'upfe kubemerera, arik'ubihanikirize cane,ubamenyeshe ingeso z'umwami azobaganza uko zizobamerera. Nuko Samweli

asigurira abantu bamusavye umwami, ivyo Uhoraho yamubariye vyose.»

Mu gusozera ivyo twasomye, dusome rero imirongo ya 19 na 20.

« Arikw'abantu banka kwumva ivyo Samweli ababariye, baravuga, bati ntaco

biriko turagomba Umwami wo kutuganza, kugira ngo natwe tumere nk'ayandi

mahanga yose, tugire Umwami wo kuducira imanza no kutuja imbere no

kuturwanira mu ntambara.»

Umwami yongere imigisha kw'Ijambo ryiwe rimaze gusomwa. Ubu rero,

ubwo turi mu cigwa co kuw'iyinga, nagomba kubasaba kwumviriza Ijambo

mugavye uko mushobora kwose.

15 Turazi ko rimwe na rimwe havugwa ibintu (ivyo bibera mu mashengero

amwe amwe) bitirimutsa abigishijwe ibitandukanye n'ivyo bumva. Nk'akarorero,umusi umwe hari umuntu umwe yambwiye (ni umwe mu bagenzi banje ari ngahamuri iyi nyubakwa) ati: «Mwene Data Branham, n'aho nizera rwose ivyo muvuga(kuko ndizera ivyo muvuga), igihe mwavuga ko umuriro udashira utabaho,nahatswe kubura aho nkwirwa! Naribwiye nti : nta gukekeranya ko yihenze!Mwatugumije kuri ico ciyumviro akanya katari gato, maze muca muravuga muti:Hari imero imwe y'ubugingo budashira kandi iva ku Mana.» Ni bwo twese turondera, si vyo?

16 Nta murongo n'umwe wo mu Vyanditswe uvuga ko hari umuriro uhoraho.Ivyo bisigurwa n'uko igihoraho kiba kitagira itanguriro ntikigire n'iherezo. Nicogituma Bibiliya ivuga ko wa muriro wateguriwe Satani n'abamalayika biwe(Matayo 25 :41). Ni co gituma atari uwuhoraho. Harabaye igihe utariho kandihazoba igihe utazongera kubaho. Ariko bazohanirwa muri wo hakoreshejweumuriro n'amazuku mu kuzimu kwaka umuriro kumara ibihe n'ibihe, ariko imperan'imperuka ivyo bizoshira kuko umuriro udahoraho. Iyo haba hariho umurirouhoraho, mwategerezwa kugira ubugingo budashira kugira ngo mube muri uwo

muriro udashira. Iyo uja kuba uwuhoraho, ni uko woba waramyeho ibihe vyose;gurtyo mwobaye mwahoze muri mu muriro ibihe vyose kandi mwokwamyeyoibihe vyose. Nico gituma mubona ko ata kintu nk'ico kibaho. Muratahura, igihoraho bisigura ngo : ikitigeze kigira itanguriro kandikitazokwigera kigira iherezo. Kandi hari imero imwe gusa y'ubugingo budashira,ni uburi mu Mana. Iryo jambo riva mu ry'ikigiriki Zoe risigura ngo : Ubugingobwite bw'Imana. Maze iyo tuvyawe ubwa kabiri na Mpwemu w'Imana,duhinduka abahoraho hamwe n'Imana kuko tuba turi agace k'Ubugingobwayo, bica bitugira abahungu n'abakobwa b'Imana : aho niho rero tuba dufiseubugingo budashira. Iyo ubugingo buri muri twebwe, Imana, ku musiw'imperuka, izozura umubiri hamwe n'ubugingo, ariko ni Mpwemu w'Imana ari muri twebwe atuma haba ukuzuka kubera ko Mpwemu wa Kristo yari muri Kristo aha imibiri yacu ubugingo akayizurana na We kugira ngo twicarane mu bwiza maze tuganzanye na We.

17 Tugarutse ku cigwa cacu rero, namaranye iyi myaka yose hamwe n'abo muriiri Hema bagumye bashikamye. Ariko burya nari narambitsweko ibiganza ngo njemu gikorwa mw'ishengero ry'Ubumisiyonari rya Batista na Dogiteri Roy E. Davis(Haraheze hafi imyaka mirongw'itatu n'itatu bibaye) aha nyene i Yeferesonivile.Kuva ico gihe nagumye mw'idini umwanya muto, nk'amezi makeya. Nagumyeyogushika aho ikintu kidahuye n'Ivyanditswe cakorewe mw'ishengero.Narababwiye ko ntagomba gukora ivyo. Barambwira rero bati : «Ivyo n'ubikore,

atari uko usohoke!»Ico gihe naciye nsohoka! Hari ikintu nizera, ryari Ijambory'Imana. Ni co catumye mbaza uwari umukuru w'iyo nyigisho nti : «vyomurashobora kubinyereka mw'Ijambo ry'Imana?» Ariko ivyo ntivyarimwo.Arambwira ati : « Ni ko twigisha.» Ndamubwira nti: «Ariko nagomba kubibona mw'Ijambo, mw'Ijambo ry'Imana.»

18 Kuba ntari mw'idini si co gituma ntaryemera. Ndashimira cane bene

Data, abo turiko turaganira uno musi kubona narahawe ubutumire bwo kuvugirahafi nko mu madini yose, cane cane mu migwi y'Ubutumwa Bwuzuye, co kimwembere no mu yandi mashengero menshi. Baransavye gufatanya nabo nokubashigikira, ariko nagumye nigenga kuko, naho nemerwa abantu gurtyo,sinifuza kubishira ku mugwi w'abantu; ngomba gushira mu kibanza gikwiyeic'Imana yampaye : ugusengera abarwaye, ku buryo abana b'Imana bose bomw'idini iryo ari ryo ryose babironkako uburenganzira. Ntiyigeze namba imbuzagusengera uyu muntu canke uriya kubera ko ari muri iri dini canke ririya : Imana iraba umutima w'umuntu.

19 Ubu rero mu kugira ntangure nagomba kuvuga ko, igituma ntabaye

umunywanyi wayo kandi ndayarwanya ari kubera ntizera ko ishirahamwe muvy'ubukristo rihuje n'Ivyanditswe. Nizera ko rinyuranye n'Ivyanditswe. Ni cogituma kuri uno mugoroba nja kugerageza, ndaja kwihata kubereka, kubw'ubuntubw'Imana, ko gukora idini iryo ari ryo ryose binyuranye n'Ivyanditswe,binyuranye n'ukwigisha kuzima.Ubwa mbere na mbere ivyo tuvyita « idini ». Idini ni umwitwikiro; ivyobisigura gutwikira ikintu. Adamu yari afise uburyo bw'ugusenga yikoreye,

ariko yari yabwikoreye wenyene akoresheje amababi y'umusukoni: ntaco

bwari bumaze. Yishiriyeho ivyiyumviro vyiwe bwite, agerageza kwikorera

uburyo bwo gucika, bwo kuronka agakiza mu kwikorera ikintu wenyene, arikoivyo Imana yarabishibuye kuva kuri Adamu gushika kw'idini rya nyuma. Imanayamye ibishibura kandi, kubw'ubuntu bw'Imana, turaja kuvyemeza dukoreshejeBibiliya. Idini ryari umwitwikiro. Adamu yikoreye umwitwikiro w'amababi y'umusukoni, ni we nyene yawikoreye kugira agerageze kwikorera ikintu. Ariko Imana yasaba ko hagira igipfa, impongano.

20 Ariko burya harihoitandukaniro rinini hagati y'idini n'agakiza, muratahura? Idini ni umwitwikiro, mugihe agakiza ari ukuvuka, ingabire iva ku Mana. Agakiza ni ukuvuka, ingabireiva ku Mana kandi ntishobora

gushitswa n'umuntu n'umwe canke n'umugwin'umwe w'abantu. Imana ni Yo iha umuntu iyo ngabire nk'uko Ivyanditswebivuga iyo ngabire y'Ubugingo budashira yari yashinzwe n'Imana ku muntu uwoari we wese imbere yuko n'isi iremwa. Bibiliya ivuga mu Vyahishuriwe Yohana

ko umwe Antikristo abwirizwa kuza kw'isi azozimiza ababa kw'isi bose aboamazina atanditswe mu Gitabo c'Ubugingo c'Umwagazi w'intama wakereweimbere yuko itanguriro ry'isi rishirwaho. Mbega ivyo murabitahura? Imana mukumenya ibitaraba kwayo yarabonye aboje n'abatoje. Murabona, yaramenye bamwe n'abandi.

21 Vyukuri namba ari Imana, itegerezwa kuba iyitagira iherezo. Kandi nambaitagira iherezo ntishobora kuba itagira iherezo idashoboye vyose. Kandi ntishoborakuba Ishobora vyose ngo ireke kuba hose mu mwanya umwe. Ntishobora kubahose mu mwanya umwe ngo ireke kuba iyizi vyose. Murabona, ivyo vyosebiyigira Imana. Gurtyo yari izi iherezo imbere y'itanguriro. Yari izi uwoje n'uwutoje,kandi yari izi ko hobonetse benshi boje, ni co catumye irungika Kristo kugirango abe impongano ku boje. Ivyo dukora vyose birashobora kutagiriranira isanona rimwe n'ivyo. Yesu yaravuze ati: «Abo Data yampaye bose (muri kahise)bazoza kuri jewe. Kandi ntawuza kuri jewe kiretse Data amukwegereye.» Murabibona? Nimutahure rero ko ivyo vyose, Imana ibizi.

22 Mwombaza muti: «Mwene Data Branham, noba ndimwo?» Ntavyo nzi.

Ndizigiye ko ndimwo. Dukorera agakiza kacu twuzuye ubwoba n'uguhindaagashitsi. Kandi ishengero ryatoranirijwe kuzohura n'Imana ritagiraagasembwa n'injebejebe. Namba rero turi muri iryo Shengero, tubatwatoranijwe HAMWE n'iryo shengero. Nimwisuzume mwebwe nyenemukoresheje Ijambo maze muzoshobora gusuzuma mwebwe nyene aho tugeze.Ariko ubukristo mu buryo bw'idini ntibuzokwigera bushobora gutanga ubwobushizi bw'ubwoba. Oya! Bamwe baravuga bati : «Ni muze mwature ko Yesu ariKristo maze mubatizwe mw'ishengero.»Satani akora nk'ivyo nyene! Arizera na we nyene ko Yesu ari Kristo, agahinda agashitsi! Ni ivy'ukuri.

23 Nta hantu na hamwe ho mu Vyanditswe Imana yigeze itanga itegeka ngohabe idini. Ivyo nta kibanza bifise muri Bibiliya. Adamu yari yararitanguje,ariko rirananirwa.Nimurodi yagerageje gukora idini. Namba muri abize ivya kahise, muraziinkuru zerekeye Babuloni. Atari uko ni musome ca gitabo citwa za Babuloni zibiri canditswe na Hislop. Ivyo bizobamurikira cane. Muzobona ukuntu Nimurodi, wa mugabow'umunyavyaha, yafashe Babuloni n'utundi dushengero twose duto dutotwari dufatanije na yo, birya bibanza vyose vyari bihakikuje, ivyo bikabaikigereranyo c'ukureka Imana kw'ubukristo bwo mu misi ya nyuma, maze yubakaigisagara kinini aho ibindi bisagara vyose vyategerezwa kurihira ikori. Hanyumaacubakamwo umunara maze agerageza gukoraniriza abantu hamwe akoresheje idini, ariko uwo mugambi urananirwa. Ntaco yashitseko, yarananiwe.

24 Kora yagerageje gukora neza na neza co kimwe. Ni mu Guharura 16 : 1,

namba mugomba kubisoma. Yakoranije akagwi kamwe k'abantu, abalewi, abantuba rurangiranwa, abantu bashizwe hejuru, abantu bahambaye kandib'abagororotsi. Yagiye hamwe na Datani kugira ngo abakoranye maze aravuga ati: «Ntibikwiye ko umuntu umwe agerageza kutugenderako!» Gurtyo bageragezagutangurira hamwe idini maze batumbera Mose na Aroni, abo Imana yari yaratoyekugira ngo bakore igikorwa maze barababwira ko bigungirako vyose, ko ikoraniro

ryose ryari iryera, ko bari bafise uburenganzira bwo...«Ariko mu nama ya benshihabonekamwo amahoro.» (Imigani 11 :14). Nta nkeka ni ko bavuze. Ariko ivyontibikora mu vy'ubukristo; ivyo bikora mu ntambara. Ni mubirabe neza :hari itandukaniro rinini.Murashobora gufata umurongo wo mu Vyanditswe maze mugasoma muti :«Yuda aca aja kwimanika », hanyuma uwundi uvuga ngo : «Wewe, kora nk'uko.»Nimubikore namba mugomba ariko ivyo si vyiza!

25 Imana yari yahisemwo Mose, Imana yari yahisemwo Aroni : Ni bwo bwariubutumwa bw'ico gihe. Kandi n'aho uko kundi babona ibintu kwaboneka ko arikwiza, kwari kunyuranye n'iciyumviro c'Imana. Birakwiye ko turekaiciyumviro c'Imana kikaba iciyumviro cacu bwite. ''Ni mugire wa mutimawari muri Yesu Kristo.'' Kandi ni Bibiliya ihishura iciyumviro ca Kristo.Kandi igitabo cose c'uguhishurwa, citwa Ivyahishuriwe Yohana, ni uguhishurakwa Yesu Kristo. Turashobora kubona ukuntu ivyo abicirako iteka, ukuntu abishira ku ruhande; turaja kubibona mu mwanya.

26 Ndibaza ko Kora ata mutima wamwagiriza ikibi mu vyo yakora vyose.

Ndibaza ko uwo muntu ata ntumbero yari afise yo gukora ikibi. Ndibaza kokwabaye ukutamenya kw'uwo muntu atabona ukuboko kw'Imana gukorantamenye Ivyanditswe, bigaca bimutuma gutangura kubishira mu bwenge.Ibice mirongw'icenda kw'ijana vy'ingorane za kino gihe ziva ku kuntutugomba kwinjiza ivyiyumviro vyacu mu nteguro y'Imana. Ntidukwiriyekwiyumvira mu kibanza cayo na gato. . Ni we yiyumvira mu kibanza cacu.Nta kindi dukora atari ukwegurira gusa ivyiyumviro vyacu mu kugombakwayo. Ubu murabitahura?

Kora, yuzuye imigabo myiza, agenda gukwiragiza inyigisho y'ikinyoma,

abwira abo bene Data kandi aberekesha akenge ko Imana itahezagiye gusa Mose,uwuvugishwa n'Imana, intumwa kandi ko itamuhezagiye wenyene, ariko ko«ikoraniro ryose ryari iryera ». Aca aravuga ko ikoraniro ryose rifiseuburenganzira bwo gukora ibi kandi ko ishengero ryose ryari rifise uburenganzirabwo gukora biriya. Maze babikwegeramwo abantu b'ineza, abalewi. Aba baribatowe n'Imana, ari nk'abo twita uyu musi ''abakozi''b'Imana. Abalewi bariabakozi bo mu rusengero. Mbega ivyo si vyo Mose yari yabahamagariye? Kandi

murabona, ntiyabatumbereye abashinyagurira. Yababwiye ngo bafate ivyotero,ngo babishireko umuriro n'imibavu maze bazungagize uwo mubavu wera, ari naco cari icagezwe c'Imana. Kandi abo bantu bari baje kugira akagwi k'abantukugira ngo baganze ishengero, mu gihe Imana yari yabitegetse umuntu umwe wenyene.

27 Igihe ivyo babikora, Mose yarapfukamye arubama kuko yari azi ko ari we

Imana yari yajeje gukora ico gikorwa. Maze Imana iramubwira iti : «Babwirebazane ivyo vyotero ngaha imbere y'Ihema.» Igihe batangura kuzungagizaivyotezo vyabo vyuzuye umuriro maze umubavu ugatangura kurekura umwotsi,Imana ica ibwira Mose na Aroni iti : « Itandukanye nabo! Sohoka muve hagatimuri bo!» kuko mu nyuma yise abo bantu abanyavyaha, abatizera. Kandi icaha ni ukutizera Ijambo ry'Imana. Mwiba kuko mutizera.Mubesha kuko mutizera. Murasambana kuko mutizera. Iyo uba uwizera ntiwarigukora ibisa birtyo. Hari imyambaro ibiri, uw'ukwizera n'uw'ukutizera;murongorwa na kimwe canke ikindi muri ivyo.Ariko Imana, ubwa mbere na mbere, yari Jambo kandi yambaye umubirimaze Ibana natwe. Yari Jambo, ni Jambo! Kandi iyo Imana igumye murimwebwe, ni Ijambo ry'Imana riba rigumye muri mwebwe; ubwomurashobora rero kwitabiriza ico ivuze cose mukoresheje « Amen ». Ni Imana iguma muri mwebwe.

28 Murabona ko Imana yaciye yasamika isi maze iramira abo bagabo

b'inzirakarengane bafise mu minwe yabo ivyotero n'umuriro wera, ibatandukanyana Mose kuko Mose yari yitandukanije nabo. Mose aca araburira ikoraniro mazearababwira ati : «Akagwi nk'ako ntikabateshe umwanya wanyu! Nimubigirekure!» Murashobora gusoma Ivyanditswe, ni musome ibice vya 16,17 na 18, mazeivyo muraja kubibona. «Nimwitandukanye n'abo banyavyaha, abo banyavyaha

batizera! Sohoka muve muri bo kuko babwirizwa kurandurwa, bo n'ivyabovyose!» Ubwo rero isi ica irasama maze iramira abo bantu batengatiye mu minweuwo muriro wera. Abagabo b'inzirakarengane bazimijwe n'umuntu.Niko bimeze kino gihe! Hariho abantu benshi b'inzirakarengane bagwa mumutego w'imigenzo, batengatiye mu minwe iri Jambo ryera iryo basanzwebakuramwo ubutumwa bavuga! Mpejeje kubona ko hari igihindutse mu masoh'umuvugabutumwa umwe, ubu nyene; ni umuvugabutumwa w'Umumetodisite, ivyo ari vyo vyose yari umuvugabutumwa w'umumetodiste gushika ku mugoroba w'umusi w'iyinga iheze! Mbonye ukwo guhinduka mu maso, mwene Data

mukundwa, ndibaza ko kuri mwebwe, kuba mwarasohotse hariya bifise insiguro ikomeye!

29 Murabona, iyo minwe yari itengatiye ivyotero vyapfundukamwo umubabweumota neza imbere y'Imana, ariko naho vyari bimeze uko abari batengatiye ivyovyotero barahonye bafise ivyotero mu minwe, kuko naho ataco biyagiriza mumitima yabo bariko barakora ikintu kinyuranye n'Ijambo ry'Imana mukugerageza gukora idini. Bavuga bati : « Ugomba kwigungirako vyose! Wigiraiki kugira ngo wigire uwahawe Ijambo ryose ry'Imana? » Ntibashoboye kubona ko Mose yari intumwa y'ico gihe yar'ifise UKUNIKO UHORAHO AGIZE. Nta muntu yari ameze nkawe kw'isi. Yari afiseubutumwa, ariko ubwo bwoko ntibwabashije kubutahura. Ariko naho vyari bimeze gurtyo Mose yari afise neza na neza UKU NIKO UHORAHO AGIZE. Nta nkeka!

30 Turabona ibimeze nk'uko kino gihe! Abagabo b'intore, bahambaye kandi

b'ingirakamaro bagerageza kuvuga ubutumwa, bakoresheje imigenzo yakozwen'umuntu, Ijambo ry'Imana bafise mu minwe yabo, barikurako ikintu kimwengaha, bakarikurako ikindi hariya, bahereye aho bakikorera ikintu maze bavugabati: « Ni muhindure ikarata y'ubunywanyi maze muze kwifatanya n'ishengeroryacu! » Maze bagapfa mu buryo bw'impwemu batengatiye iri Jambo mu minweyabo! Murabitahura?

Ntibashoboye kwizera intumwa y'Imana canke ubutumwa bwayo

bw'ico gihe. Ntibashoboye gutahura igituma Imana y'ubwiza itagomvye

gukorana n'akagwi k'abantu, ariko ikazeza ubwo butumwa umuntu umwewenyene. Gushika uno musi ni abantu bangahe tutaravugana! « Ni igiki dutegerezwagukora, ga mwene Data Branham? Turazi ko ivyo muvuga ari vyo, ariko dukoreiki? Idini ryoca riduca kandi nta handi hantu twoca tuja. » Barambabaza; arikon'aho bimeze gurtyo hariho Ahantu hamwe! Ariko muravuga muti: « Tuzokwicwa n'inzara! »

31 Dawidi yaravuze ati: « Uhereye nkiri muto, none ndashaje, ariko sinigeze

kubona umugororotsi yahebwe, cank'uruvyaro rwiwe rusegerereza ivyo kurya.» Bitwaje ivyo nyene mu kwanka Yesu. Bari biyugaraniye mu madiniyabo, mu buherezi bwabo bwera, mu nyubakwa zabo zera, mu mashengeroyabo yera no mu ngoro zabo zera ku buryo batashoboye kubona Imana murusengero rwayo yambaye umubiri. « Wewe uri umuntu, ukigira Imana!»Murabona, bari biyugaraniye rwose muri ivyo. Barya bantu bari biyugaraniye murikurya kwizera ko Datani n'abandi bari mu kuri. Nimurodi yiyugaraniye rwosemuri kurya kwizera ko yari gushobora gukora ikintu coshoboye kuduza abantu hejuru y'uburake bw'Imana. Adamu yari azi neza ko hamwe yahisha ubwamburebwiwe, Imana itoshoboye kububona. Ntimushobora kubuhisha! Bikwiye ko iba ariImana ibuhisha. Ivyo murabitahura? Murabitahura? Integuro y'Imana ni yoihisha ubwambure ariko si ivyanyu. Ivyo vyamye bigenda gurtyo ibihe vyose,ntibashoboye kubona Yesu mu rusengero rwiwe, Imana yigaragaje mumubiri. Uno musi birambabaza mu mutima kubona ukuntu amajambo yo muriBibiliya asubirizwa n'imigenzo. Kandi hariho abantu hariya bafise imitima itagirauburyarya bumva iri Jambo kandi bakamenya ko ari Ukuri ariko ntibubahukegukakaza kuko imigenzo yabo ibigisha ukundi kuntu kunyuranye. Nimubandanyemwoza inkono n'amasorori, bene Data. Ariko twebwe, jewe n'inzu yanje, duhisemwo Kristo, ari We Jambo. Murabitahura?

32 Dusome rero akanya gatoya muri Yohana 3 inkuru y'ivya Nikodemu,

umwigisha akaba n'umukuru w'idini yicara mu nama nkuru. Bari bakoraniyehamwe ngo bikorere imigenzo yabo. Ku ruhande rumwe hari abafarisayo, ku rundiabasadukayo, umwe wese afise idini ryiwe n'ibibatandukanya. Ariko uwo muntuyari umwigisha, umukuru w'inama nkuru, umuntu w'igitangaza mu nyigishoziwe.Yari azi Ivyanditswe, mu bisanzwe niko we yavyibaza. Yari abizi biciye mumigenzo yabo. Yesu ntiyari yaravuze ati : «Muhindura ubusa ivyagezwe vy'Imana

kubwo imigenzo yanyu »? Murabona, vyava ku migenzo yabo. Ivyo bisigura iki? Ivyo bisigura gushirainsiguro yawe bwite, kw'Ijambo ha kurireka ngo rivuge ico rivuga gusa. Arikobishiramwo ko ico rivuga atari co risigura. Murabona ko ari nka rya jwi nyeneSatani yakoresheje kuri Eva kugira ngo atangure idini rya mbere? «Nta nkeka koivyo bija kugenda kurya na kuriya; Imana ntiyokwigera ikora ivyo, urabizi.» Murabona, ni co kimwe. Ni co kimwe na kino gihe.

33 Raba ko uwo mutware yaje agana Yesu. Ubwa mbere na mbere yaje kukoyariko ararondera Ubugingo budashira yaje kuko yariko ararondera

agakiza. We, umunyacubahiro mu bantu, umwigisha muri Isirayeli, yaje aganaurya Mugabo, nk'uko tubizi, atigeze agera kw'ishure n'umusi n'umwe! Umugaboakuze, umuherezi ashaje, incabwenge, aje agana umuntu akiri muto! Umwe mubahambaye, umutunzi, aza agana umuntu w'umusezi atari afise n'aho arambikaumusaya, kugira ngo amubaze inzira y'agakiza n'Ubugingo! Ubwa mbere, abobantu bo mu nama nkuru, nk'uko Nikodemu yavyatuye, bari babonye muri Yesuikintu abantu bo mu madini batari bafise. Bari babonye ko hari ikintu muri Wekuko Nikodemu yavuze ati : « Mwigisha, turazi...» «Twebwe» Ariko ntibagombakuvyatura kuko bari guca bacibwa. «Mwigisha, turazi yuk'ur'umwigisha yavuyeku Mana, kukw'ata muntu ashobora gukora ibimenyetso nk'ivyo ukora, shit'Imana iri kumwe na we.» - «Turabizi!» Oh, bene Data! Idini!

34 Raba rero ko Yesu yari ukugaragara kw'Imana: « Kukw'ata muntu

ashobora gukora ibimenyetso nk'ivy'ukora, shit'Imana iri kumwe nawe. » Baribazi ko hari ikintu gitandukanye n'ivyabo muri uwo Mugabo. Yari Umuco w'icogihe, Yari Icabona c'Imana. Ico kintu nyene Kora yari yarakibonye muri Mose. Ico gihe abisirayeli ntibaribafise uwundi muntu asa na Mose. Yari icabona c'Imana muri ico gihe, agaragazaubushobozi bw'Imana. Ivyo Kora n'umugwi wiwe bari barabibonye muri Mose.

Bari baratahuye ko ivyo bidashobora kuza bivuye kuri Mose.Mose ntiyari gushobora gucamwo kubiri Ikiyaga Gitukura, Mose ntiyarigushobora kurungika ivyago kw'isi. Yari Imana muri Mose ariko, kuko Imanayariyishushanije mu cabona canke mu muco w'ico gihe,ntibashoboyekubibona. Kora agomba kwikorera akagwi k'abantu nokukazanamwo uwari we wese.

35 Neza na neza ico ni co idini rimaze: ni iryo kwinjizwamwo akagwi

k'abagome ako ari ko kose rigaheza rikakita « abakristo ». Rirarungika mumashure umwana w'inyererezi ataco azi ku Mana nk'uko umuHottentot niumunyagihugu wo muri Afrika y'epfo atize ataco azi ku bitangaza vyo muriEgiputa, rikamusomesha, akiga ibijanye n'imico y'abantu maze akaronkaimpapuro z'umutsindo z'ubwoko bwose. Hanyuma rikamurungika kuvugaubutumwa bwiza kure kandi atigeze akizwa, akazohakana ukuvuka biciye kunkumi ata mugabo bamenyanye, n'ukuzuka, akazohakana ugukira indwara kuvaku Mana, akazohakana ubushobozi bw'Imana, akazohakana ivya mberevy'itanguriro nyene vyatumye Yesu apfa, akazohakana ivyahumetswe n'Imanavyo muri Mariko 16 : « Ng'ibi ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera...» (Mu

gihe ari Yesu nyene yavuze ayo majambo), akazohakana Ivyakozwe n'Intumwa 2: 38 n'ibindi mu vyahumetswe n'Imana vyo mu Vyanditswe. Akazogeragezagufata umugenzo w'abantu ata na kimwe bazi

kuri ivyo bintu kandi akazogumaabisubiramwo ataco yongeyeko. Kandi iyo mubabwiye ukuri n'iyo muberetse ukuri bagira isoni zo gukakaza kubwo idini ryabo.

36 Ni co kimwe n'ivyo Kora yakoze. Bari barabonye Imana muri Mose, bari

barabonye ko yari Umukozi w'Imana, ko yokora imuciyeko. Nikodemu yarabonaImana muri Kristo : «Nta muntu yokora ivyo ukora shiti Imana iri kumwena we.» Nikodemu yari asanzwe ngo ari mw'idini, akagerageza gusohoka ngoarivemwo. Kora yari hanze ariko yagerageza kurikora kugira ashoborekuryinjiramwo. Aho niho hari itandukaniro. Nikodemu yageragejekurondera agakiza, gusohoka muri ivyo bintu. Yari yaribayemwo kuva mubwana bwiwe kandi vyari bimuruhije. Yagomba gukizwa. Ariko Kora we, yagerageje kwikorera urufatiro rwo gushobora kuba umuntu ahambaye.

37 Uko niko abantu ba kino gihe bakora. Aho niho bigoranira mu vy'ubukristo;hari ibintu vyinshi vy'ibinyoma, vy'ukwigana. Maze abantu bacu bo muriPentekote, mumbabarire iyi mvugo ngira nkoreshe, buzuyemwo utwo dukoko turyana ku buryo babigerereraniriza mu mubiri! Imana ihagurukije umuntu mazeikamuha ikintu ico gihe abantu bose mu gihugu baca bagerageza kumwigana!Ntimubona ko murwanya abo mufatanije? Iyo muriko murakina umupiraw'amaguru... Paulo yaravuze ati : « Duhiganwe twihanganye kubwo ubuntu.» Iyoumukinyi afise umupira, ntimurondere kuwumushikuza : ahubwo nimwigore

mumukingire. Ariko hako biba gurtyo, kuko atari mw'idini murimwo mugeragezakuwumwaka. Kandi muri mwebwe harimwo mbere n'ibigonde cane bamutsitazabakamugwisha maze inyuma y'ivyo bakagerageza kuwumwaka. Mu buryobw'impwemu, murabona, azotsitara ku kantu gatoya nk'ako mu Vyakozwen'Intumwa 2 : 38 kandi ivyo bizomugwisha ata nkeka. Ni ivy'ukuri. Atsitaye kuriMariko 16, yoshikira intumbero gute? Murabitahura? Ni inyigisho nto nto kuri

Kristo! N'inyuma y'iyi myaka ishize yose baracatsitara ku bintuvyahaririwe mw'ikoraniro ry'i Nikaya.

38 Kora yagerageje gukora idini kugira ngo ashobore kuryinjiramwo.

Nikodemu, yari aririmwo, yagerageje gusohoka ngo arivemwo. Nikodemuyaremewe maze aca arasohoka arivamwo. Kora yaripfiriyemwo, apfira mutwigoro twiwe twose; yapfiriye mu twigoro twiwe bwite. Oh, bene Data! Idini Nikodemu yarimwo ryari rizi ko Kristo yari yatumwe n'Imana : Ni weabivuga. Mu gice ca gatatu c'Ubutumwa bwiza bwanditswe na Yohana, Nikodemuavuga ati : «Mwigisha turazi yuk'ur'umwigisha yavuye ku Mana, kukw'ata muntuashobora gukora ibimenyetso nk'ivyo ukora, shit'Imana iri kumwe na we.» Kandi

uwo mugwi nyene, kubwo idini ryabo, wamwise ''Belezebuli'' kuko yari afiseubushobozi bwo gusenda amadayimoni. Baravuga bati : «Azimiz'abantu akoresheje inyigisho yiwe.» Niko bimeze na kino gihe. Yazimiza bande?

39 Yesu kuko yari Jambo yaravuze ati : «Nkora gusa ibihimbara Data, nzigamagusa amajambo y'Imana». Nta kindi yari ashoboye gukora atari Ijambo.Ariko kubwo idini ryabo, kubwo inzira zabo bari baraboshe abantu. Mumitima yabo, aba bari bafise ubwenge ariko idini ryabo ntiryabemererakubukoresha. Maze rero kugira ngo baronke ico bireguza, kugira ngo babuzeabantu kuva mw'idini ryabo (- «Bose bakondorera inyuma yiwe!») ngo bakurikireUkuri kw'Imana (Yari Ukuri : «Ni jewe Ukuri n'Umuco»), kugira ngo bababuzegukurikira ivyo, baca bavuga ko azimiza abantu. Ni muvyiyumvireko! Abo bantubari bazi mu mitima yabo ko ari Imana, ko Imana iri muri We (« nta muntuyoshobora kuvuga canke ngo akore ivyo bintu shiti Imana iri kumwe na We »),bari babizi, ababivuga kandi bakavyatura baciye bamuhindukirira maze bacabamwita « Belezebuli n'uwuzimiza abantu babo kubwo inyigisho yiwe! » Oh, bene Data!

40 Nikodemu yari azi ko Yesu ari Uwuvugishwa n'Imana. Ng'uyo

n'imiburiburi umwe mu bari mur'iryo dini yakunda kandi akubaha Imana ukobikwiye kandi yari yaramenyeshejwe n'Isezerano rya kera ko uyo muntu yari afise ibikenewe, ko yari yarageragejwe kandi akemezwa nk'Umuvugishwa yatumwen'Imana. Nikodemu yari akwiye kumuha icubahiro. Ariko n'aho yaje mw'ijoro, yaraje. Yarasumba cane abavugabutumwa bacu ba kino gihe, ntiboje na gato!Nikodemu yaruhiye kuza, ni co gituma mudakwiye kumucirako iteka mu gihemwebwe ubwanyu mutarashika. Nikodemu yari azi ko Yesu ari uwuvugishwa

n'Imana kandi yarubaha Imana. Ntiyagomba kureka uwo Muntu yari

Umuco w'ico gihe ngo amuje kure. N'aho idini ryiwe ryari kumubwira ko ivyovyose binyuranye, yari yarabonye Imana yemeza uwo Muntu kandi yari azi ko ariUwuvugishwa n'Imana. Kandi namba yari Uwuvugishwa na Yo, Ijambory'Imana rikaba riza ku Wuvugishwa n'Imana, yategerezwa kuba azi ivyoavuga. Gurtyo rero yaraje kuraba Yesu, yipfuza kumenya ingene yoronkaagakiza. Kandi kubera urya Muntu yari Uwuvugishwa n'Imana, Ijambo ry'Imana ryari kumwe na We, kandi yategerezwa kumenya inzira y'agakiza.

41 Ivyo Nikodemu ategerezwa kwigishwa, ni navyo benshi mu bantu bava mumadini ya kino gihe bategerezwa kwigishwa. Ivyo Nikodemu yabwirizwakumenya, ni na vyo abantu bo mu madini ya kino gihe bategerezwa kumenya.Yesu yari arengeye Uwuvugishwa n'Imana. Yari yaje kuri Yesu kugira ngoabone, kugira ngo amusabe ko amwereka inzira y'Ubugingo, kandi Yesuubwiwe yari Ubugingo. Uwufise Umwana aba afise Ubugingo. Nico gitumabidakwiye ko muperesona aza kugira ngo agerageze kuronka inyigisho, akwiyekuza kugira ngo yemere uwo Muntu. Ng'ico igikwiye gukorwa kuri uyumugoroba. Ibuye ry'agasongero ryorongeye gushiburwa. Ibuye ry'agasongero niiki? Ni Ijambo, ni vyo. Kristo, ni We ari Jambo. Hari ico yategerezwa kwigishwa. Yaribaza ati: « Raba, uyu Muntu ni uwuvugishwa n'Imana, ni uwuvugishwa n'Imana gusa. »

42 Ni co gituma mubona ko Yesu atishuye ikibazo ciwe, ariko akamukangira

gusa kubwo ubuhumyi bwiwe. Murabitahura? Yari arengeye uwuvugishwan'Imana, Yari Jambo n'Umuco ukayangana w'Ijambo. Yari Imana ikayanganaiciye mu gikoresho, yerekana ko yari Imana mu muntu. Yari Jambo. Biravugwamu gice ca mbere c'Umuvugabutumwa bwiza bwanditswe na Yohana ngo :« Ubwa mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana,kand'uwo Jambo yar'Imana... Kand'uwo Jambo yihaye umubiri, abana natwe... »None ehe Ijambo ry'Imana ryarakayanganye biciye mu buryo buciyebugufibw'ubunyantege nke bw'umuntu maze rihuma amaso abanyedini. Ariko yajekugira ngo yikwegereko abantu. Yari arengeye uwuvugishwa n'Imana, yari

Jambo! Ni We Bugingo. Ntiyategerezwa kutwigisha kuvyo Ubugingo bwagirabuze. Ni We nyene yari Ubugingo! We yari Ubugingo. Yari Umuco. YariUbugingo. Yari Ubugingo budashira, ubwo Bugingo bwari muri We kandi nina we wenyene atanga Ubugingo budashira. Uwufise Umwana aba afiseUbugingo. Ni co gituma mudashobora kuronka gusa Inyigisho y'Ijambo ryiwe, mutegerezwa kuba mumufise.

43 Mwovuga muti : «Oh, hariho abantu biga Bibiliya mu kigiriki, bakiga

amajambo yose yo mu kigiriki n'insiguro yayo, utumenyetso tw'amungane,n'ibindi.» Ariko ivyo ntibibabuza na gato kutagira ico bamenya ku Mana!Murabitahura? Mbega ni uwufise ishusho, mbega ni uwufise integuro? Oya! Niuwufise Umwana, uwumufise, uyo Muperesona. Ni We afise Ubugingo. Nikodemu yari azi ko Yesu yari azi Ubugingo, ariko ntiyari azi ko We nyeneubwiwe yari Ubugingo budashira, ko uwo ari We bariko baravugana yari uwoMuntu, Intumwa, Umuco w'abari mw'isi. « Umuco wakiye mu mwiza kandiumwiza ntiwawakiriye. Yatumwe ku biwe ariko abiwe ntibamwakiriye. » Kuberaiki? Kubera iki? Kuko bari bishize hamwe cane mu madini, batwawe canen'ukwoza inkono n'amasafuriya, badibamye cane mu migenzo yabo ku buryo

batashoboye kubona Ijambo ryambaye umubiri.

44 Ivyo vyarasubiriye kuba. Ivyabaye kera vyama biseruka kenshi! Ego,

Nikodemu yari azi ko Yesu yari azi Ubugingo, ariko ntiyari azi ko yari Ubugingo!Ni navyo biba muri kino gihe. Hariho abantu benshi Yesu bamugira umwigishaahambaye, bagera ahantu bavuga ko yari uwuvugishwa n'Imana. Ariko iyomugerageje kubabwira ko yari Imana, birabarengera! Yamara yari Imana,Ni We Mana kandi azokwama ari Imana. Nta bindi. Ni ivy'ukuri. Raba ko igihe Nikodemu yaza kuri We, ntiyamubwiye ngo : « Nikodemu,ndakwubaha cane kuko uri umwigisha muri Isirayeli. Ngira ndakubwire ikintukimwe : urondera Ubugingo budashira? Nkumbure ko kubwo ivyo wategerezwakunonosora ubumenyi bwawe. Ntuvuga neza amajambo (mbega ubupfu) cankenkumbure ko mu kugira ngo uronke Ubugingo budashira wategerezwa kurondera

ikibanza kiruta ibindi mw'idini ryawe. »Ni na vyo muri kino gihe abantu benshi barondera gukora : baronderaikibanza kiruta ibindi, bagomba kuva mu kibanza co kuba umupasitori ngo babeabayobozi bakuru, kuba abagenduzi canke ikindi gisa n'ico. Ivyo nta sano na ritoya bifitaniye n'Imana.

45 Raba ivyo yakoreye umuntu nk'uwo. Yamwagirije ko atamenye igihe

yarimwo, ati : « Uje kumbwira ko uri umwigisha muri Isirayeli none ntushoboragutahura ko umuntu ategerezwa kuvuka ubwa kabiri?»

Nikodemu aramwishura ati :«Jewe, umusaza, nobwirizwa gusubira mu ndaya Mama maze ngasubira kuvuka?» Yesu aramwishura ati : « Wewe uri umusenyeri, umukaridinali, umugenduzimw'ishengero rya Pentekote canke wo mu rindi, wewe uri umuntu akomeyemw'idini, ntuzi Ivyanditswe?» Nikodemu aravuga ati : « Oh, ariko turafise Mose!»

- « Iyo uba waramenye Mose, nanje womenye kuko ni we yavuze ivyanje!»Murabibona? Ariko ntivyari bihuje n'imigenzo yabo canke n'ibindi idini ryabo ryavuga. Vyukuri Mose yaramuvuzeko (Yari Umwe Mose yari yaravuzeko) ariko ntibamumenye. Kubera iki? Bari bariboheshеje cane imigenzo yabo ku buryo batamumenye!

46 Bene Data, mwebwe musoma canke mwumviriza iyi kaseti, ntimuce

muzimya iradiyo! Mu kanya gato twihweze ibintu uko biri! Ndabakunda, muriabungere. Kandi singerageza kwigira uwuzi vyose. Namba ari ko mubibona,hagarika ikaseti maze munsengere. Ngerageza gusa kubazanira ikintu c'ukuri.Ntimucirengagize!

Murabona, ndubaha uko abantu n'ibintu bitunganijwe, ariko iyo mwikoreyeayo madini... Fatira kuri barya bafarisayo : ntibari banezwe ivy'abasadukayo kukoaba batemera ivy'abamalayika, ivy'impwemu, ukuzuka n'ivyo bindi bintu vyose,mu gihe abafarisayo bo bavyemera. Kubw'ivyo bari mu ntambara hagati yabo.Ngaha abanyabumwe bizera bimwe, abizera ubututu ibindi, abametodisite ibindi,abaperesipiteriyano ibindi maze mugashiraho inzitizi. None ivyo bibazanira ikiUkwitandukanya mu gufatanya kw'abavukanyi. Mbere turaja kuronka umurongomuri Bibiliya kuri ivyo mu kanya kari imbere. Turaja kubona ivyo ari vyo, uko Imana ivyita.

47 Oya, murabona, ntiyigeze amubwira ivyo kunonosora ubumenyi bwiwe!

Yaramwagirije gusa ko atazi ikintu c'ukuri.- « Uri umwigisha muri Isirayeli ukabautazi ivyo bintu? Mutizeye igihe nababwiye ivyo kw'isi maze

ntimubitahure... »Ivyo nimuvyiyumvireko! «Uri umwigisha, umuntu afise

ikibanza gikomeye mw'ishengero rya Katolika orotodogise, umwungere,

umukaridinari, none namba utanashoboye gutahura imvugo-rwana y'ibintubisanzwe iyo ndabikubwiye, uzotahura gute ibintu vy'uburyo bwa Mpwemu vyomw'Ijuru?»

Ariko murabona ko umusaza w'umurovyi atize atanazi no kwandika izina

ryiwe ivyo yabitahuye, maze aca aba umukuru w'ishengero ry'i Yerusalemu. YariPetero. Ivyo murabitahura? «Abo Data yampaye bose bazoza kuri jewe.»Barabibona, baravyizera, bagaca bakora bivyisunze bazi ko atakizoshobora kubahagarika.

48 Ni nka ya nkuru y'umworozi. Simvuga ibi kugira ngo ndabatwenze, ariko niukugira ngo nerekanire ahabona ibintu. Umworozi yari afise inkokokazi mazenayo ntiyagira amagi akwiye, ni co catumye ayiha ngo ibundikire irigi ry'imbata.Igihe umuswi w'imbata wasokoroka uva mu rigi, cari ikintu gitangaje kibahoimiswi y'inkoko itari yarigeze kubona. Wari ufise mu maso harehare bitwengejemaze mu kuvuga ukavuga ngo « kwe-kwe » aho kuvuga ngo « koti-koti ». Imiswiy'inkoko yaratoragura intete mu rugo rw'iyororero ariko ntivyari ivyo kuryabisanzwe vya ka gaswi k'imbata. Umusi umwe ya nkokokazi igatwara inyumay'urugo kugira ngo zije gufata uduhori. Inyuma y'umusozi hari ikiyaga. Mazenk'uko umuyaga wahuhuta uva ku kiyaga, wa muswi w'imbata wumva akamoto

k'amazi: Ako ni ko kari kamere kawo. Iyo nkokokazi ica irasemerera iti: « Koti,koti, koti, koti garuka »

49 Ariko gaca karayishura gati : « Kwe, kwe, kwe! » maze gaca kagenda

gatumbereye amazi. Kubera iki? Kuko yari imbata kuva kw'itanguriro. N'ahoinkokokazi yari kugahamagara, kari imbata! Ni ko bimera no ku muntu yagenewe Ubugingo budashira. Iyo abonyeUmuco w'Imana, amadini yose yo kw'isi ntazoshobora kumwigarukanako.

Oya! Kubera iki? Kuko ni kamere kiwe. N'ubwo yoba yarahawe ibifungurwavyyayo igihe kirekire, arya ivy'ubupfu bwayo n'ubuzima bwayo bw' imibano,umusi urashika aho aronka ikintu gitandukanye na vyo maze agaca akimenya.Yesu yaravuze ati : « Intama zanje zumva ijwi ryanje kandi ntizikurikira uwozitazi. » Zizokurikira nkumbure ikintu kitamenyerewe, ariko i bwina muri zo hababarimwo ikintu gitandukanye n'ico. Nimuzumvish'ukuri rimwe gusa maze muce muzitegereza! « Abo Data yampaye bose bazoza kuri jewe. »

50 Ego, yaramwagirije ko atabizi ati : « Uri umwigisha muri Isirayeli ukaba ivyobintu utabizi? Utegerezwa kuvuka ubwa kabiri.» Ku biraba umuntu w'inyaman'amaraso nagomba kubereka ikintu kimwe ngaha: « Utegerezwa kuvuka ubwakabiri. » Ku vyerekeye ubuzima busanzwe, namba dufise ubuzima busanzwe niukugira ngo dukore turi bazima muri ubu buzima busanzwe, mu bintubisanzwe, kandi kubw'ivyo turakeneye kuvukira mu buzima busanzwe.Ntimwamuka ku giti, ntimushobora kuza gusa muri ubu buryo canke buriya.Twaragerageje, ariko ivyo ntakigenda. Bikwiye ko haba ukuvuka nyakuri,ukuvuka mu buryo busanzwe kugira mushobore gukora muri bazima, kugira ngomushobore kugira za nkebuzo zitanu z'umubiri, mushobore gutambuka, kuvuga,kubona, guhonja, gukorako, kumoterwa, kwumva, kwinyiganyiza, n'ibindi; muri

ikiremwa-muntu rero kiganzwa n'ivyo bintu vyose kuko biri mu bigize ubuzima busanzwe.

51 Kubw'ukwo kuvuka turahinduka rimwe na rimwe abanyabwenge cane

b'ubwenge bw'iyi si n'ibiyikorerwamwo, tukaba abakuru b'ibihugu,

abashakashatsi bakomeye, abashakashatsi bakomeye mu vy'ubuhinga bwo gukoraivyuma no

muvy'ubumenyi n'ibindi. Ariko turazi ko kuva mu ntango bamyeari abana ba Kayini bagira bene ubwo bumenyi atari abana ba Seti kuko bo,bari abungere basanzwe gusa. Ariko abana ba Seti bari abantu bubaha Imana.Ariko rero, abana ba Kayini bo bamye ari abanyabwenge, ari abakuru,abashakashatsi, abahanga, abantu bahambaye. Ni ivy'ukuri. Ni Bibiliya ibivuga,murabizi, ni Yo ibitwigisha. Bari abasenzi cane, ariko kw'iherezo bararimbutse.Duhinduka abanyabwenge tugiye kw'ishure, mu kwiga, n'ibindi, tubaabanyabwenge cane kandi b'inkerebutsi, tugashobora gukora ibintu, kuvuga

ibintu mbere rimwe na rimwe bakazivya akanwa k'umuntu yuzuyeMpwemu. Mbega Yesu ntiyavuze ati: «Abana b'isi niabanyabwenge canekurusha abana b'Ubwami »? Nta nkeka kubwo ubwenge bwabo barashoborakuvuga, bakabesha abandi mu bwenge no mu majambo, bagafata Ivyanditswe maze bakabigoreka kugira ngo babivugishe ico bitavuga.

52 - « Oh, ivyo ntibisigura neza neza ivyo » .Iyo umuntu avuze gurtyo, ni

mumwigire kure! Imana irinda Ijambo ryayo, murabizi, ni Bibiliyaibivuga.

Yanditswe nk'uko yategerezwa kwandikwa. Yanditswe mu buryo yoshoborakuzimiza umunyabwenge canke bigatuma ayitsitarako. Iriyoroheje cane! Nico gituma bayitsitarako, murabitahura?

Ubwo bwenge bwose hamwe n'ivyo bintu vyose barundanya biva kuri ukokuvuka kwo ngaha kw'isi. Ivyo biva mw'isi kandi biranyuranye na Mpwemuw'Imana. Ukuvuka kwa mbere, gutuma dukorera ngaha kw'isi, kudutumatuba abantu bapfa kubwo icaha cakorewe muri rya tongo, catumye umuntuavukira mw'isi biciye mu mugore. Kandi umuntu yavyawe n'umugore amaraimisi mike, mu gihe umuntu avyawe na Kristo ari uwuhoraho. Yobu yaravuzeati : « Umuntu yavyawe n'umugore amara imisi mike kandi yuzuye imibabaro. »Ariko murabona ko umuntu avyawe na Kristo ategerezwa kuvukiramw'Ijuru. Ariko rero, umuntu avukiye mw'isi acika umunyabwenge kandi w'inkerebutsi maze akanashobora kurusha ubukerebutsi uwo mw'Ijuru.

53 Nimwihweze ingene Satani yari afise ubugunge: Yarasutse abaherezi bosebaje ngaha kw'isi. Yarabikoze, nta nkeka! Yarabasutse kandi yama abasuka.Yarabikoze, ni ivy'ukuri. Yari ingunge, ariko umusi umwe ahura na Shebuja abaari We amunesha. Kandi ikintu kimwe dufise twokora ni ukuruhukira muMwami kuko yamaze kunesha Umurwanizi. Murabitahura?Ariko ubwo bwenge buva mw'isi, ubwo bwenge umuntu yirundanirizakugira yerekanishe ivyo bintu vyose igituma abantu bategerezwa gukora ibi nabiriya, ubwo bwenge buhushanye n'Imana kandi ni ubwansi kuri Yo; ni impwemuy'umubiri. Ni Ivyanditswe bibivuga. Ni ivy'ukuri. Naho bafise ubukerebutsi, ntakindi bakora atari kugoreka ibintu. Nagomba ko hagira uwunyereka aho Imanayigeze ikora idini canke igategeka kurikora! Ahubwo, Iraricirako iteka ngaha muri

Bibiliya. Naho bagerageza kuba inkerebutsi binyuranye n'Ijambo! Ubwengebw'isi burashobora kubahagurukira kubarwanya kandi bukabazivya akanwabiciye mu vyo buvuga, bukabumvisha ko muri bato cane mu kubabwira ivyo bintu, ariko naho bimeze gurtyo biranyuranye n'Ivyanditswe.

54 Umuntu umwe yarambwiye ati : « Mwene Data Branham, hari ikintu dupfana mwebwe : Muri mu mugwi w'abavuga Yesu wenyene! »

Nca ndishura nti : « Oya! Nta dini na rimwe negamiye! »Umugenduzi w'intara imwe yaraje kundaba ikindi gihe maze arambwira ati : « Data Branham, umuntu umwe yambwiye ko muri abavuga Yesu wenyene! »Nca ndamwishura nti:« Oya, biranyuranye na Bibiliya. Ni ikinyoma. »

Aca arambwira ati: « Barambwiye ko mushigikiye ko abubatse babana ukobigombeye, kandi ko mwizera ko abagabo bategerezwa gusiga abagore babo mazebakaja guhiga. » Murabona, ni ibinyoma gusa vy'Umurwanizi. Murabizi. Nca ndavuga nti : «Ndarwanya nshimitse ibintu nk'ivyo binyuranyen'Ivyanditswe! Nizera ukugororoka n'ugutungana. Ndizera ko umugaboabohewe ku mugore wiwe igihe cose bakiriho. Ntiyategerezwa kumutwara atabanje gusenga.»

55 Ku vyerekeye umugwi w'abavuga ngo « Yesu wenyene », ntaco mpfa nabo;kuri jewe ni beza nk'uwundi mugwi uwo ari wo wose. Ariko umubatizo wabo niuw' ikinyoma, babatiza umuntu kugira ngo ahindurwe n'uwo mubatizo. Nizerako guhindurwa na Mpwemu Yera atari kubwo amazi. Nkoresha Izina rya YesuKristo mu mubatizo kandi nta murongo n'umwe wo muri Bibiliya uvuga kotwokora ukundi. Nta n'umwe muri Bibiliya yigeze abatiza mw'Izina rya Data watwese, n'Iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera. Nagomba ko hagira umuntu anyerekaahantu na hamwe hari umuntu n'umwe yigeze abatizwa muri ubwo buryo. Gurtyo

namba binyuranye n'Ivyanditswe, nimuhagarike kubikora!

Mwoshobora kumbwira muti : « Aho nta tandukaniro rihari. ».

Kubwa Paulo itandukaniro ryari rihari! Yabategetse ko babatizwa mw'Izinarya Yesu Kristo, hanyuma baca bahabwa Mpwemu Yera. Kandi Paulo avugamub'i Galatiya 1:8 « Ariko naho yoba umumalayika avuye mw'ijuru, ababariraubutumwa bunyuranye n'ubwo twababariye, arakavumwa! » Murabona, ni umugenzo.

56 Nta gihe kinini giheze mvuganye n'umuntu

ahambaye. Aca arambwira ati: « Mwene Data Branham, sindabishoboye! Ndaziko ari ukuri, ariko nokora iki kuri ivyo? »Nca ndamwishura nti: « Nimwumvire! »Aca aranyishura ati: « ndafise iteka ntegerezwa kugumana mu banje! »Nca ndamubwira nti: « Jewe mpisemwo kugira iteka imbere y'Imana. Nico gituma, mwokwumvira Ijambo ryayo. Mutegerezwa guhitamwo:Mugomba gukorera Imana canke umuntu? »

Ariko bakoze idini ryabo, baca baryinjizamwo ivyo bavuga maze bakagendaari vyo bakurikiza. Ubwo buryo bwo gukora bwakoreshejwe ubwa mberemw'ishengero rya Katolika ry'i Roma. Ni ivy'ukuri. Nagomba ko hagirauwunyereka ko ivyo vyagenze ukundi. Na jewe ndasoma inkuru za kahise,murabizi! Ni co gituma mwokwibuka ko ari umubatizo wa Katolika;uwubatijwe wese muri ubwo buryo aba abatirijwe mu gufatanya kwaKatolika. Ndaja kwongera kuvyerekana imbere y'uko uyu mugoroba urangira Umwami niyabigomba. Ni ivy'ukuri. Ni co gituma mutegerezwa kugaruka.Kandi si abavuga gusa Yesu wenyene. Hariho abantu benshi b'intoremw'ishengero ry'abavuga Yesu wenyene. Hariho abantu benshi b'intore mw'idiniryitwa amakoraniro y'Imana, mw'idini ryitwa Ishengero ry'Imana, mu madini yaMetodisite, Batisite, Peresipiteriyano na Katolika. Ariko nta na rimwe ariIshengero. Nta na rimwe! Ahubwo muri yo harimwo abantu, bari mu bagizeIshengero. Ariko si amadini yabo abagira Ishengero, nk'uko umuntu ageragezakubikora. Ni ikinyoma! Mu mwanya muto ndaja kubereka imirongo imwe imwe yo mu Vyanditswe.

57 Ego, kugira mugire ico mukorera kuri iyi si, mutegerezwa kuvukira mu

buzima busanzwe kandi ukuvuka nk'uko kutugira abahanga n'abanyabwengenk'uko namaze kubivuga. Murabitahura? Gurtyo tugacika inkerebutsin'incabwenge; uguca ubwenge kwacu ni ko kubiduha. Ariko ni mwibuke kokuva kw'itanguriro, uku kuvukira mw'isi kunyuranye n'Ijambo ry'Imana,ko ari ubusazi ku Mana no ku mugambi Wayo, ko kutazi umugambiw'Imana.Iyo bitaba uko, Nikodemu yari kubimenyako vyinshi kurusha Yesu, muratahura?- « Uri umwigisha muri Isirayeli? » Murabibona? Murabona iyo amadini yanyuariko araja, murabona abo bantu bakomeye banyu b'incabwenge bahurira hamwe

kugira ngo bategure integuro zabo iyo bariko baraja?

58 Ni mundeke ndababwire ibi : igihe cose Imana irungitse umuco kw'isi cankeikintu cose kijanye n'Ivyanditswe, baca bajana navyo bihuta, maze igihe umuntuyakoze ivyo yitahiye baca babikoramwo idini. Maze igihe babikozemwo idini,nashaka kubaza uwari we wese yize ivyo akahise, namba ari ngaha muri iyi nzucanke akaba ariko arumviriza iyi kaseti ko yoza kunyereka igica kiba.Igihe cose umuntu yahinduye ishengero idini, iryo ryaciye ripfa ako kanya nyenekandi ntiryigeze risubira guhaguruka. Rirahushanye n'Imana. Rirahushanyen'Ivyanditswe. Ng'ico igituma ivyo ndabirwanya, nk'uko ndwanya ivyo Imanairwanya vyose. Imana iri muri jewe, ndarwanya ikintu cose Imana irwanya.Umwansi wayo ni umwansi wanje. Ishengero ryayo ni ryo Shengero ryanje.Ubugingo bwayo ni Ubugingo bwanje. Yarampaye Ubugingo bwayo, yahindutsejewe kugira ngo kubwo ubuntu bwayo nshobore guhinduka nse na Yo.Murabibona? Twaragujije, Iba uko nari ndi nanje mba uko Iri.Yahindutseumunyavyaha nkanje maze arampfira, mu kibanza canje, kugira nshobore kuba

umwana w'Imana nk'uko We nyene yamubaye.

59 Murabona rero aho amadini yanyu ageze (ntituratangura). Afise ubwengebw'isi ariko yarapfuye uravye integuro y'Imana! Dusubire inyuma gatoya kugirango turabe ivyo bintu maze duhagarare ngaha akanya gatoya.Adamu yarahushanije n'umugambi w'Imana kuko atari yumviye Ijambo. Aca agerageza kwikorera we nyene umwitwikiro, ari ryo dini. Arikoyarahushije intumbero yiwe! Kandi ivyo umuntu yagerageje gukora vyamyebihusha intumbero yiwe. Ivyo Nimurodi yakoze vyari ibinyoma. Korayararimbutse. Bari bagerageje kwikorera iki? Idini.

Maze inyuma y'ivyo, bamaze kwikorera idini, Yesu yasanze barapfuye? Acoarababwira ati : «Mufise amaso ariko ntimubona, mufise amatwi arikontimushobora kwumva. Impumyi irongoye iyindi mpumyi, mbega zompintizizogwa mu kinogo?» Arongera aravuga ati : « Wewe uri umwigisha muriIsirayeli, ntushobora no gutahura ico ari co ukuvuka ubwa kabiri? Iyo uja kubawagumye kure y'iyo migenzo ukagumana n'Ijambo, womenye ko nari kuzaguha umuntu ukuvuka ubwa kabiri. Womenye umusi wanje. Iyo uja kumenyaMose, uba waramenye. Mose yavuze ivyanje, avuga ko noje, none raba ndi ngaha!Kandi namba ntakora ivyo Mose n'abavugishwa n'Imana bavuze ko nokoze,

ntunyizere. Namba ntakora ibikorwa vy'Imana, ntunyizere. Namba udashoborakunyizera nk'umuntu, namba udashobora kunyizera kuko nd'umuntu akoraibikorwa vy'Imana, izere ivyo bikorwa kuko bishingira intahe ivyo ndiko ndakora.

60 Ariko kiriya gihe vyari bimeze nk'iki gihe : Iyo Yesu aja kuba yari kw'isi

muri iki gihe, ayiyita amakoraniro y'Imana yogomvye kuba amufise, abiyitaabanyabumwe bogomvye kuba bamufise, umwe wese yoshatse kuba afise Yesu.Nta nkeka, idini ryose rigomba kwigungirako,

murabona? Atabishitseko, nta coaba amaze. Ivyo bituma habaho ugutandukana mu gufatana kw'abavukana. Ndibuka agahungu bita ka Dawidi. Ubu ni umugabo, arubatse kandi ndibazako afise umuryango. Ndibuka irya mbere atangura kuvuga ubutumwa. Nari nagiyei Saint-Louis. Ndazi abo bahungu b'abavugabutumwa. Barahaguruka mazebakavuga bati : «Yesu yari umwana w'umuhungu mutoya yavukiye mu bwatobw'inka... Mama, mbega none ubu ntegerezwa kuvuga iki?» Ariko ntivyari bimeze

gurtyo kuri ako gahungu bita ka Dawidi! Karashira hasi ikoti ryako, kagafataumutwe w'icigwa maze kagatangura kuvuga ubutumwa. Yari igiki? UwuvugaYesu wenyene. Se, umushingantahe Walker, yari mu biyitirira Yesu wenyene.Ariko, oh! Amakoraniro ntiyari gushobora kwihanganira ikintu nk'ico! Vyasabwako nabo bironkera ka Dawidi! Kandi n'ayandi yose yaciye agomba kugira kaDawidi kayo. Bishitse uwo mwana muto agakoresha igikorane muri Floride,yarampamagara kugira ngo ndamufashe! Umusi umwe, ndiko ndasomaikinyamakuru hamwe na mwene Data Moore, twabonye impapuro za mberezuzuyemwo twa Dawidi! Ishengero ryose ryari rifise ka Dawidi! Oh, Mwami! Oh,

iyo umugwi w'abashingantahe bashizweho n'Imana uba gusa waramenye impanoy'ako gahungu gatoya kari gushobora kurungika imitima ibihumbi n'ibihumbi muBwami bw'Imana! Bari kwibagira imigenzo y'abantu yabo n'ivyo bintu vyose. Imana yari ifise impano yari yarakoresheje mu buzima bw'ako kana.

61 Igihe ugukiza indwara kuva ku Mana kwagaragazwa ubwa mbere, abantubose baciye batangura kwiyumvamwo ibintu mu maboko no kwiyumvamwoindwara. Oh, bene Data, kubera iki ivyo? Vyari bikwiye ko bakora ivyo kugira ngoamadini yabo ntasigare inyuma! Uko niko amadini yanyu yitangira imbereumugambi w'Imana, nimuvyiyumvireko! Ariko Imana irateza intambweIshengero ryayo, Umubiri utaboneka, n'ubwo bimeze gurtyo. Iryo Shengerontimushobora kwifatanya naryo murarivukiramwo. Abandi ni abanyabwenge uravye ubwenge bwo mw'isi, ariko barapfuyeuravye umugambi w'Imana. Murashobora kubabwira neza kandi mukabereka kobari mu kinyoma kuvyerekeye Ijambo n'isezerano ry'Imana, ukwo bimeze kwosentibazobibona. Ndashobora gukoresha Ijambo maze nkerekana ko idini ari ikintu

c'ikinyoma; ndashobora kubereka ko za nemera bafise iki gihe ari ikintu

c'ikinyoma, murazi zirya za nemera z'amashengero. Naho nobereka ko ariikinyoma, bazovuga n'aho bimeze uko bati : «Aho rero, ivyo ni vyo batwigishijekwizera!» Murabona, bihuje n'uko ndavyibaza ivyo vyose nta kindi atari ivyokuzoranduka, namba mubona ico nshaka kuvuga. Ego, ni ivy'ukuri! Ntibashoborakubibona. Yesu yaravuze ati: «Ntimushobora kubona ko mwari mushoboye kuza kuri jewe kugira ngo muronke Ubugingo!»

62 Hariho Nikodemu, umugabo w'umwubahwa, umuntu ahambaye,

umwungere mw'ishengero ryiwe, umuntu rurangiranwa yakundwa na bose : yarajeagana Yesu, ata co azi na gato kuvyo Ubugingo budashira. Nta co yari abiziko nagato igihe Yesu yabimugayako, ariko kugira ngo aze yabaye imvugakuri bikwiye.Abandi bo ntibagomvye no kuza. Bagumye hanze hamwe n'abo baherezibahambaye, hamwe n'umwungere Kanaka n'umushingantahe Kanaka.Murabitahura? Bagumanye na bo, aho kwumva Ijambo ry'Imana, bahisemwo

gufata imigenzo ya ba Sekuru.

63 Murashobora kubabwira ivyo bintu, ariko ntibazovyumva. Nagomba

kubabaza ikintu kimwe. Simfise intumbero yo gutuka ivy'Imana. Bene Datamwumviriza iyi kaseti, simfise intumbero yo gutuka ivy'Imana. Ibi murashoborakuvyibaza, ipfundo ry'igiti rimbaza umusi umwe ndiko ndatembera mw'ishambariti: «Mushobora gute kugendagenda uburyo nk'ubwo? Yamara, ndafise ubugingondi ipfundo ry'iki giti!» Rirashobora kwerekana ko rifise ubugingo, ariko siubugingo nyabwo! Uburyo bwonyene rifise bwo gushobora kugendagenda,kubona, guhonja, gukorako, kwiyumvamwo canke kwumva, uburyo bwonyenekuri ryo (dufate ribimbajije) bwoba ubwo kuvuka co kimwe na jewe. Amen!

Ntirizokwigera ribitahura mu bundi buryo ubwo ari bwo bwose. Ariko rivutse nkajewe, ubwo rero rizomenya ibintu nzi. Amen! Oh, bene Data! Ni ivy'ukuri. Ntacovyomfasha kubwir'ipfundo ry'igiti ukuntu twiyunguruza n'ukuntu dukora :kugira ivyo ribitahure bisaba ko rihabwa ubugingo co kimwe n'ubwacu. Nikobimeze no kuri Mpwemu! Nico kimwe na Mpwemu, atari uko ntimushobora kubitahura. Ntaco bimaze kugerageza kwiyumvira ivyo, bikwiye ko mubanza kuza kuri We. Kuko haranditswe ngo: « Umuntu n'atavuka ubwa kabiri,ntashobora kubona ubwami bw'Imana. » Ni Yesu yabivuze. Ngaha, « kubona »bisigura « gutahura ». Ivyo kugira ngo mubimenye mutegerezwa kuvuka ubwa kabiri.

64 Mwovuga muti : «Naravutse ubwa kabiri!» Hanyuma mugahakana Ijambo?Mushobora gute kuba mwaravutse ubugira kabiri? Ubuzima bwanyu bwiteburatanga icemezo c'ico muri co n'umugwi mufatanije : kuko ngo ibisabirasabirana. Ivyo murabitahura? Ni murindire kandi iminota mikeya gushika aho dushikira ivyo bintu.

Ivyo biva kuri Mpwemu. Mushobora gute kubwira ibintu vya Mpwemu

abantu batavyawe na Mpwemu? Mutegerezwa kuvuka muri Mpwemu kugira ngomutahure ivya Mpwemu. Yesu yaravuze ati : «Umuyaga uhuhuta aho ugombaariko ntimumenye aho uva, n'aho uja.» Murabibona? Uko niko amera uwavyawena Mpwemu wese : Ntashobora kubaganirira ivyo bintu. Umuntu yavyawe na Mpwemu ntaheza ngw'atangure kwiyumvira uko agomba, arareka Imana ikamwiyumvirira.

65 Muribaza ko ndi ngaha havugirwa ubutumwa nishimikije ivyiyumviro

vyanje bwite, noshobora kubwira umuntu ngaha muri iyi nzu nti : «Izina ryanyu niNaka, muva ahanaka n'ahanaka, mwakoze ibi. Mwarabiriye umugore agira kabiri,haraheze imyaka mirongo ibiri kandi mwaramuronseko abana. Mutegerezwagutunganya ibi na birya?» Muribaza ko ivyo noshobora kubikora nishimikijeivyiyumviro vyanje bwite? Mu kuvuka kwo ngaha kw'isi nta bwenge bukwiyebuhari bwo gukora ivyo. Ni ikintu kibirengeye. Ivyo bitegerezwa kuva mw'Ijuru.

Ico gihe, iyo muvyawe na Mpwemu, mukaba muri abo mw'Ijuru, muba

mufise Ubugingo bwari muri We bwakora ivyo bintu, nk'uko yavuze ati:

«Ibikorwa jewe nkora, muzobikora namwe.»

66 Ukuvuka kwanyu gutegerezwa guhinduka. Mwarahenzwe. Nkumbure

mwaravuze mu ndimi, mwarasimbiye mu kirere, mwarakomye akaruru,

mwarakoze ibi na biriya, nkumbure mwarabaye umunywanyi w'umwizigirwaw'ishengero ryanyu. Uko kwose ni kwo Nikodemu yari ameze, ariko ico yariahajije, kwari ukuvuka. Murahakana Ijambo, mugerageza kuriha ikindi kibanzakitari icaryo, mukarigira ikintu kanaka, murarishwiragiza kure. Ni co gituma Yesuyavuze ati: « Ng'ibi ibitangaza bizokwama biboneka ku bizera... ni mugendemuje mu bihugu vyose, mubwire abaremwe bose ubutumwa bwiza. » Igihe coseUbutumwa bwiza buzovugwa ibimenyetso bizokwama bibubonekako. Nyereka

ahantu ivyo yabikuye mw'ishengero! Nyereka umurongo wo mu Vyanditsweaho yoba yaravuze ati : « Bizobaho gushika igihe kinaka gusa! » Oya! Yavuze ati: « Mw'isi yose no mu baremwe bose.»

67 Ego, mutegerezwa kugira Ubugingo nk'ubwo yari afise kugira ngo

mubeho mubeshejweho n'Ubugingo bwiwe. Maze igihe muzobona Ubugingobwiwe, muzomenya Ijambo ryiwe. Ni ivy'ukuri. «Igihe We (We, insigariranzinamuvugwa rudende, ni ukuvuga ko atari iciyumviro canke ikigumbagumba, arikoWe), Mpwemu Yera, azozira azofata ivyo bintu vyose nababwiye,azobibahishurira maze abereke ibigira bibe.» Ukuvuka ni uko. Ni icemeza c'ukoari Ijambo. Ariko iyo umuntu avuze ko afise Mpwemu Yera, ariko agahakanaIjambo ry'Imana maze akariha ikindi kibanza kitari icaryo... Mpwemu Yerayoshobora gute guhakana Ijambo ryiwe bwite? Nico gituma mbaza ngo munyereke idini mw'Ijambo. Ni uko. Murabitahura? Neza.

68 Ngira ndabereke ukuntu ishengero ryacu ryasigaye inyuma. Dufate akarorerok'umuntu yikorera utwiwe yatanguje umugambi uriko uratera imbere vyukuri,maze agakenera vyihuta abantu akoresha. Murashobora kwibaza uko vyogendahamwe agiye agana ikirundo c'abapfu, c'imivyimba maze akababaza ati: «Murashobora kuza kunkorera? » Ivyo nta nyungu n'imwe vyomuzanira!

Ni co gituma idini ritigera risubira guhaguruka namba. Murabibona? Ni

ikirundo c'abapfu batizera bakoranira hamwe nk'uko Nimurodi, Kora n'abandibose bo mu bindi bihe bakoze. Imana ntiyigeze ikoresha ivyo, ntiyigeze ikoreshaidini. Ntishobora! Riramaze gushika hanze y'ukugomba kw'Imana, ryararenganye imbibe zakwo. Ntishobora kurishikira, ntirikigarurwa.

69 Mushobora gute gusaba umuntu yamugaye kuva ku birenge gushika ku

mutwe ngo yiruke n'amaguru, ngo ukwo kwiruka akugirane ukwihangana?Murabibona? Yoshobora kubikora gute kandi adashobora kunyigangayaramugaye? Mukwiye kubanza kumukuramwo ubwo bumuga, hanyuma agashobora kwiruka!

Ico ni co idini rikeneye : ni ugukira kuva ku Mana. Oh, bene Data! Ndibaza ko ntagaragara nk'uwubahinyuye birenze urugero! Murabona, sindabahinyuyeariko umusumari utawinjije cane uca usohoka bitagoranye. Ni co gituma Mpwemu Yera adashobora gukoresha idini.

70 Ni mwibuke neza ibi : « Ndizera ko Maritino Luteri yari afise Mpwemu Yera.Nta nkeka! Nkumbure ntikatari agace kangana n'ivyo tubona kino gihe kukontiyari bwasukwe. Ivyo twarabibonye, mwebwe muri abo muri iri hema:twaravyerekaniye ahabona ngaha ku kibaho. Ariko yarizera Imana kandi « uwizeraafise Ubugingo budashira. » Sinahora nibaza ko hari umuntu n'umwe yizera ivyobintu nkanje gushika aho muri iki gitondo numvirije Charles Fuller ndiko ndazangaha. Na we nyene arizera ko ukuvuka ubwa kabiri atari umubatizo waMpwemu Yera. Ukuvuka ubwa kabiri, ni ukuvuka. Mpwemu Yera, ni Umubatizo. Ivyo murabitahura? N'uko.

71 Turabona rero ubu ko uwo muntu ategerezwa kuvuka ubwa kabiri kugira ngo ashobore kugira ico akora; ukuvukira mu mubiri gutanga ubwenge bw'iyi si. Kandi ubwenge bw'isi bwumvira umwigisha wabwo w'umunyamubiri. Ni ivy'ukuri. Ni co gituma iyo umuntu atabanje kuvuka ubwa kabiri, iyomumubwiye Ijambo ry'Imana azokwumvira umwungere wiwe, umugenduzimukuru wiwe canke idini ryabo aho kwumvira Ijambo ry'Ubugingo. Kuberaiki? Kuko ata kindi azi. « Oh, nkumbure ko umusi umwe nzoshobora kubaumwungere! » Nikodemu yari umwigisha. Yari arengeye umugenduzi, arengeyeumwungere: yari umwigisha muri Isirayeli. Murabibona? Ego, kandi yari umuntuahambaye, yari ari muri uwo mugwi, ariko hamwe n'ivyo vyose nta na kimwe yariazi ku Mana mu vy'ukuri. Murabitahura? Ico yari azi gusa zari inkuru nkeya za kahise.

72 Imana ya kahise imaze iki iyi itagumye ari ya Mana uno musi? Imana ya

Mose yotumarira iki itagumye ari ya yindi uno musi? Imana yashoboye

gukiza umuntu ku musaraba yotumarira iki iyo idashoboye kumukiza uno

musi nk'uko yakijije uwo wundi?Nk'uko namye ndabivuga nti : Bimaze iki guha imbata y'inyeshamba intete nzizan'ivya ndema mubiri vyiza kugira ngo amababa yayo akomere no kugira ngo igireamubi meza igihe mwoca muyishira mu kiruri? Sindabitahura! Bageragezakubwira abantu Imana y'Ubushobozi n'ivyo bintu vyose, hanyuma bakabugaranira

mw'idini ritanizera ivyo bintu! Murabibona? Aho rero biba birangiye. Igitumaivyo vyanka ni kubera ryapfuye. Ntimushobora kurikoresha. Imana ntiyigeze irikoresha.Ni mwiyumvire gusa kuri ibi : Nta na rimwe, mu gihe na kimwe, MpwemuYera yakoresheje idini; ntaho tubibona mu Vyanditswe n'ahantu na hamwe murikahise. Namba hari umuntu yumviriza iyi kaseti canke ari ngaha yoshoborakunyereka aho Mpwemu Yera yoba yarafashe idini kugira ngo arikoreshe ngahakw'isi, n'aze abimbwire. Nagomba ko mwonyereka igitabo ca kahisemwabibonyemwo. Nk'uko muzi ko ivyo bitari mu Vyanditswe, nagomba ko munyereka igitabo ca kahise mwabikuyemwo. Yama ikoresha umuntu.

73 N'uko! Kuvyarwa na Mpwemu Yera. Uvyawe n'umubiri ugira ubwenge

bw'isi kandi ubwo bwenge buzokwumvira umwigisha wabwo w'umunyamubiri.Kuvyarwa na Mpwemu ni ukwizera no kwumvira inyigisho yo muri Bibiliyamubiheshejwe na Mpwemu Yera. Umuntu yavyawe na Mpwemu w'Imanaazokwumvira Ijambo ry'Imana ataravye ivyo imigenzo ishobora kumubwira. Niuko. Mwaravutse ubwa kabiri, ni co gituma mubona. Umuntu kuba umunyedini ni ugushira ivyizigiro vyiwe vyose muri ryo.

Simvuze ko abantu mu madini batavutse ubwa kabiri. Ivyo ndaja ku bishikako mu minota mikeya Umwami abikunze. Nta nkeka ko bariho, ariko ni abantu ku giti cabo. Si idini rivuka ubwa kabiri abantu bari muri ryo ni bo bavuka ubwakabiri. Idini ryo, nta kindi rikora atari ukubatandukanya n'Imana. Nta kindirikora : rirabatandukanya. Ntiturabe ku vy'umubiri; idini ryigisha ivy'umubiri kandi vyama binyuranye n'ukugomba kw'Imana.

74 Kuvuka ubwa kabiri bisigura kuvukira mw'ijuru. «Ubwa kabiri» bisigura

mw'Ijuru. Ndibaza ko ivyo mubizi. Kuvuka ubwa kabiri bisigura kuvukira

mw'Ijuru. Murashobora kubirondera muri za kazinduzi, mubigomvye! Ivyobisigura ukuvyarwa kuvuye mw'Ijuru. Kuko, mwaravukiye ngaha kw'isi, kugirango muvuke ubwa kabiri mutegerezwa kuvukira mw'Ijuru; kugira ngo muvukeubwa kabiri. Ubwo Bwami bwo mw'Ijuru buritanguye cane hejuru y'ubu bwamibwo kw'isi, ni ubw'ubwiza cane kurusha ubu bwami bwo kw'isi ku buryo ububwo kw'isi ari ubusazi ku Bwami bwo mw'Ijuru kandi ubwo mw'Ijuru ari ubusazi kuri ubu bwami bwo kw'isi.

75 Nk'uko nama nabivuze kenshi nagiye aho ngurira ibintu vyo mu nzu ndi

kumwe n'umugore wanje haraheze amezi makeya, maze aho tuhabona umugoreyambaye ijipo! Kuva kera nta kintu nk'ico twari twarigeze kubona!Muri iki gitondo (Simvuze ibi kugira ngo ntuke ivy'Imana) numvisekw'iradiyo rimwe muri arya madini akomeye ya rurangiranwa. Narikondayumviriza njanye n'umukobwa wanje ku musi w'ugushikanira Imanaishengero rimwe. Bariko bararirimba indirimbo y'umwe muri barya bantubahambaye ba rurangiranwa ba kera. Kuri jewe ivyo vyumvikana nk'aho boba ariabagore bariko baragira isubiramwo rirerire cane impwemu zikabaherana kugezaaho bahinduka mu maso habo. Ivyo ni vyo abo bantu bita kuririmba! Jewe ivyondavyita gusyegenya. Ivyo nkunda, ni indirimbo nziza za kera z'abapentekote zivamu mutima. Atari umugwi w'abaririmvyi ukomeye ariko murariririmba mazemukumvikanisha amajwi meza kubwo Umwami. Nibaza ko ivyo ari vyo vyo muburyo bw'impwemu. Ni vyo nkunda. Ariko ubwo buryo bwo gutomora amajambogushika aho n'impwemu zihera... Kandi hamwe n'ivyo ntimumenya n'ivyomuriko murariririmba! None mushobora gute kwitega ko abandi babimenya? Niuko. Yesu yaravuze ati : «Tuvuga ibintu tuzi.» Ni ivy'ukuri! Ni ivy'ukuri! Ico twari dukwiriye gukora ni ukuririmba ivyo tuzi mu mitima yacu, ivyo twiyumvamwo.

76 Bamaze guheza, umukobwa wanje yiga ivy'ugucuraranga arambwira ati:

« Aho rero, wari umuziki vy'ukuri uririmbanywe ubuhinga! »Nca ndamubwira nti : «Ni vyo, ariko kuri mirongo itanu bagize uwo mugwi

w'abaririmvyi, ni bangahe wibaza batoba bahumeka impwemu zirimwo itabi?Nk'uko ejo hari ku wa gatandatu, wibaza ko ari bangahe batamaze iri joro barikobaranywana inzoga n'abagenzi? Ni bangahe mu bagore bari muri urya mugwiw'abaririmvyi bimosheje imishatsi? Ni bangahe bari bisize amarangi inyumay'aho umwungere w'iryo shengero nyene hari haheze imisi avuze ati: « Imanayarushirije kugira neza isi igihe yashiraho ivyo kwisiga amarangi? » Mu gihe tuzimuri Bibiliya umugore umwe wenyene yari yarisize amarangi mu maso hiwe;ariko Imana yamuhaye imbwa ngo zimurye! Mu gihe uwari we wese afise ico azi ku vyerekeye ishengero n'abapagani azi ko ivyo kwisiga amarangi ariibirangaabapagani kandi ko ari ko vyamye biri! Yamara ivyo abagore barabikora! Abagabona bo baranywa itabi, bakanywa inzoga kandi bakigenza nabi! Ariko ivyontibibabuza guhagarara mu mugwi w'abaririmvyi maze bakaririmba n'amajwiyabo yose! Turaja kubiraba mu kanya kaza. N'uko! Ku bakurikira iciyumviro c'amadini hazoba ukumaramara ku musi w'urubanza, ico ni co ciyumviro canje!

77 Kuvyarwa na Mpwemu ni ukwizera no kwifata nk'uko Mpwemu

agomba; ni ugutahura no kwizera n'umutima wawe wose ko Yesu ari Kristokandi ko Ibi ari Ijambo Ryiwe, ko ata rindi jambo na rimwe rishoborakwongerwako canke ngo rikurweho izina ryanyu ridakuwe mu Gitaboc'Ubugingo. Ng'ico ikintu gikomeye. Ni mwongerako canke mugakurako ikintuna kimwe mwisunze umugenzo wanyu, Kristo yarabivuze We nyene ati: « Izinaryanyu rizohanagurwa mu Gitabo c'Ubugingo. » Nimunyereke idini muri Bibiliya!Ntaryo muzoronka! Nuko. Tutaravye ubwiza bwazo, inyigisho z'amadiniziranyuranye na Bibiliya. Bitagabanije! Kuvuka ubwa kabiri bisigura ko hariukuvuka ubwa kabiri kuva mw'Ijuru, ni ukuvukira mw'Ijuru. Aho nihodushobora kuba bazima mu bintu vyo mw'ijuru, oh, bene Data, kuko ni Wenyeneakoreramw'Ijambo ryiwe aciye muri mwebwe, aciye muri mwebwe muri ishami ryiwe rikomoka ku muzabibu.

78 Ni co gituma Yesu yavuze ati: « Ni ntakora ibikorwa vya Data,

ntimunyizere. » Nta nkeka! Yaravuze ati: « Nta waduze mw'Ijuru atari

uwamanutse ava mw'Ijuru. »Raba ukuntu yatomoreye ibintu Nikodemu kuri ivyo.Muratahura, barya bantu bibaza ko nk'umuntu atari gushobora kuba Imana. Nicogituma yavuze ati: «Nta waduze mw'ijuru atari uwamanutse ava mw'ijuru,Umwana w'umuntu ari mw'ijuru.» Nikodemu vyari bimurengeye! Vyashobokagute ko Yesu, Umwana w'umuntu, amanuka ava mw'Ijuru kandi akongera akabauwari yaduze mw'Ijuru, kandi akaba ari mw'ijuru avugana na Nikodemu mucumba co hejuru? Yari akwiye kubona ko yari Imana! Imana iba hose mu mwanya

umwe, iri hose mu mwanya umwe, muratahura? Ariko kubw'imigenzo yiwe ivyontiyari yabimenye. Ntiyari afise iciyumviro co mu buryo bwa Mpwemu, yari afiseiciyumviro co mu buryo bw'umubiri kandi ivyo ntiyari ashoboye kuvyakira. Yesu yari yarabajije ati: « Muvuga ko ndinde, jewe Umwana w'umuntu? »

- « Bamwe bavuga ko uri Umwana wa Dawidi. »

Aca aravuga rero ati: «Vyagenda gute ko Dawidi, ahumekewe na Mpwemu,yamwita Umwami igihe yavuga ati: Uhoraho yabwiye Umwami wanje ati : «Icarai buryo bwanje, ushitse aho nzohindurira abansi bawe indava y'ibirenge vyawe»?

Bishoboka gute ko yoba umunago wo ku gishitsi ca Dawidi? Yamyeho imberey'uko Dawidi abaho, yari Dawidi, yariho Dawidi atakiriho. Murabitahura? Ni Wemunago wo ku gishitsi ca Dawidi. Bibiliya ivuga ko yari umunago n'igishitsi caDawidi. None yoshobora gute kuba Umwana wiwe? Yoshobora gute kuba Umwami wiwe? Bibiliya ivuga iti: « Kuva uwo musi nta muntu yasubiyekwubahuka kumubaza ibibazo. » Ndibaza ko bimeze uko vyari vyiza cane!

79 Kuvuka ubwa kabiri, kuvukira mw'Ijuru! Aho rero turashobora kuba

abakora, kuba abakora mu bintu vyo mw'Ijuru kuko Ubugingo bwiwe burimuri twebwe, ubwo Bugingo ari ryo Jambo ryiwe ryemeza Jambo ubwiwe.Mpwemu ari muri mwebwe ni Ijambo ryambaye umubiri muri mwebwe.Mpwemu yitaho Ijambo maze agakora yemeza Ijambo.

Ariko Mpwemu ntakorera mw'idini na rimwe. Gukora idini ntabinezwe

kuko Mpwemu ubwiwe arwanya idini. Amadini arondera ibintu vy'isi, akagiraivyiyumviro vy'isi, akubaka amashengero manini, agakora ibintu bisa neza,agakor'amadini asa neza manini manini, abavugabutumwa bafise akarimi kezan'ibindi; abantu bakuru bakuru bo mu gisagara baja i wabo. Mu gihe MpwemuWe, agerageza kurondera abantu b'imitima itagira uburyarya kuko afiseicipfuzo gikomeye co kwerekana no kugaragaza ko Ijambo ryose ry'Imanaari ukuri. Mpwemu yoshobora gute gukorera mw'idini kandi rihakana Ijambo,rikemera za nemera aho kwemera Ijambo? Ntashobora! Kuko, murabona, idiniryarapfuye. Imana

ntija ahantu nk'aho kugira ngo irondere umugwi w'abantuwoshobora kuyikorera kuko abo bantu baba baramaze gupfa. Ntibizera Ijambo,

atari uko ntiboba bari aho! Murabitahura? Ariko turi bazima mu bintu vyo

mw'Ijuru. Mpwemu yitaho Ijambo. Ni ivy'ukuri, kuko Mpwemu aha

Ubugingo Ijambo, murabona? « Inyuguti zirica, ariko Mpwemu atanga

Ubugingo. »

80 Umusi umwe ndiko ndaza, nariko ndaraba birya biti biteye igomwe

mw'ishamba ryuzuye kuri irya mitumba miremire. Vyari bishazishije amabaraagomba gutukura n'ayo umuhondo kandi aha na hariya hari utububi tw'urwatsirutoto tukiriko. Nca ndibwira nti: «Urazi ico ivyo bisigura? Ni urupfu ruje kandiImana yegeranirije amashurwe yayo ku misozi. Ni urugori rw'amashurwe yogushira ku mva. Ubuzima bwasubiye mu mukungugu, Imana iba ihejeje guhambaimbuto zose zavuye mu mashurwe, yarazihamvye none ubu Ishizeho urugorirw'amashurwe. Iterera akajisho kw'isi kuko ari amashurwe yo gushira ku mva.

Ariko igihe izuba rizosubira guseruka, urubuto ruzosubira kuzamwo ubugingo.»Amen!

Ico Mpwemu yitaho, ni ukwemeza Ijambo. Ariko iyo mwemeye imigenzo

aho kwemera Ijambo... Mwovuga muti: «Turaryizera ryose, mwene Data

Branham, ariko ndazi ko tutizera ibi » Ubwo rero neza na neza aho niho

mugarukira.

81 Umusi umwe hari uwusengesha mu gisoda yambwiye ko intwazangabo ifiseipete rya Majoro yigeze kumubwira ati: « Mushingantahe ujejwe ivy'ugusengamw'ikambi, genda hariya: hariho umukapitene ariko arahwera, bamurashe urusase rwa muzinga. »Aca aragenda maze yinjira mw'ihema ry'abatabara imbabare bo muri Croix

Rouge aho bari bashize uwo mukapitene yariko aragwana n'urupfu. Aramubwiraati : « Kapitene! »

Uno aca araramura amaso ariko aracira amaraso maze aravuga ati : «Sabwe,mushingantahe. Ah, ni wewe ujejwe ivyo gusenga mu gisirikare!»

- « Ego, Kapitene, muri ku mpfiro!»

- « Ndabizi. »

- « Uri umukristo? »

- « Nahora ndi we. »

Maze uwo asengesha mu gisirikare aramubaza ati: « Umwami wamuhebeyehehe, ga Kapitene? Muzomusanga harya nyene mwamusize. » Ni ukuri! Wamukapitene aca aravuga ati: « Sinshobora kuvyibuka. »

Umwe asengesha mu gisirikare aramwishura ati: « Ivyo vyobabera vyiza

kuko umuntu aravye ukuntu muta ukuguru n'ukuboko, musigaranye iminotamikeya yo kubaho. » Amaraso yariko arava mu kanwa kuguruye no mu matwin'aho amasasu ya muzinga yari yatobaguye hose.

Uyo asengesha mu gisirikare aramubwira ati: «Mwoba mugize neza munyarukijekuko amahaha yanyu ariko aruzura!»

Wa mukapitene aca atangura kudedemba ari ku mpfiro. Aca aramwenyuramu maso haraca maze aravuga ati: « Ubu rero ndabimenye. » Umwe asengeshamu gisirikare arambwira ati: « Mwamuhebeye hehe? Hera aho hantu nyene! »Wa mukapitene arongera aravuga ati: « Ubu rero ndiryamiye mbonekwisinzirira. » Yari yamenye ahantu yari yamuhebeye kandi aho niho yasubiyekumusanga.

Iyo idini ryanyu ryigishije ikintu kinyuranye n'Ijambo, aho nyene niho

muba mutereye Umwami. Nimugaruke kuko akora yemeza Ijambo ryiwe no mu kurigira iry'ukuri. Ng'uku uko Yesu yari ameze: Yama akora ukugomba kwa Se. Ivyo murabitahura? N'uko.

82 Ni co gituma murabona, ugutahura kwa Nikodemu guhuje n'idini ntaco

vyasigura ku Mana. Naho yari umuntu ahambaye muri rirya dini, umwigisha muriIsirayeli, ivyo yari yarize n'ugutahura kwiwe ntaco vyari bimaze igihe yari imbereya Kristo; ivyo vyatumye gusa amukangira.

Ndashobora kwiyumvira ingeneabantu bose bavuga bati: ko ihanga ryose ririko riravuga riti: « data weraNikodemu! data wera Nikodemu! Musenyeri, turapfukamye imbere yawe! » Arikoigihe yaza kuri Yesu, imbere y'Imana ni ho yari ahagaze, maze uwo aramukangira kubwo ukutamenya kwiwe. Murabona none ukuntu ivyo bintu vyose ata gacirobifise: Ubwo rero ni mubihebe gusa! Nimugaruke tuje ku Mana! Ni ivy'ukuri.N'uko. Si n'ubwenge bwinshi bwa Kora cank'ubwa Adamu bwoba bwari bufiseagaciro na gatoya kuko bompi barahakana ubutumwa bwashingiwe intahen'Imana. Ubu rero ibi nimuvyumvirize mubishizeko umutima, kuko mu munotaturaja kwinjira vyukuri mu mazi menshi. Murabona, namba uwo ari we wesemuri abo bantu, Nikodemu, Kora, Nimurodi n'abandi baragize ingoranezikomeye, n'uko batamenye intumwa y'Imana yari ifise Ijambo ryemejwe mugihe cabo. Ivyo bose barabizi! Twoshobora kumara umwanya muremure kuriivyo. Imana iravuga ikintu kitaraba maze ikavuga ko hariho ikintu gitegerezwa

gushika. Umuntu we, akora idini maze akarishiramwo umuntu. Barya bayudabarizera ko Mesiya azoza, nta nkeka! Ariko igihe Yesu yaza mu buryo bataribiteze, bavuze bati: « Ntashobora kuba ari We! » Ntibashoboye gutahura Ijambo.Ariko Yesu ntiyari yaje mu buryo bunyuranye n'ivyo Ijambo ryavuga, si vyo, arikoyaje mu buryo bunyuranye n'uko amadini yasobanura Ijambo. Mose ntiyaje

binyuranye n'ivyo Ijambo ryavuga, yaje neza na neza bihuje n'Ijambo. Ariko Kora ntiyabibonye. Kandi ivyo vyamye bigenda gurtyo.

83 Ubu rero nimuzirikane ibi. Ubutumwa bwa kino gihe ntibushobora gusa

kuba ikintu kivuga kiti « Turafise ukuri! Turafise ibi na biriya! » Gitegerezwakuba ikintu cavuzwe kera mw'Ijambo ry'Imana. Hanyuma, Ijambo rihejejekuvugwa, gitegerezwa kwemezwa neza n'Ijambo.

Yesu yaremejwe neza n'Ijambo ko yaje ava ku Mana. Aca aravuga ati: «Iyomuba mwaramenye Mose muba mwaramenye umusi wanje.» N'aho abavugishwan'Imana bamuvugako, n'aho abavugishwa n'Imana bose bavuga ico yari co,n'ubwo vyari bimeze gurtyo ivyo vyarabahumye amaso maze ntibashoboragutahura. Murabibona?

Ibi nagomba kubivuga kugira ngo bifatwe amajwi, mbere no ku bwanyu.

Murabona, hariho intumwa n'ubutumwa bw'ico gihe!

84 Aba Advantiste b'umusi w'indwi baravuga bati: «Turafise ubutumwa:

Nimupfe kwitondera isabato!» Nyereka ivyo mu Vyanditswe! Miss Eddie Bakeryavuga ko yari abufise: Ni mubinyereke. Ivyabona vya Yehova bivuga ko bibufise:Ni mubunyereke! Murabitahura? Abametodiste bavuga ko babufise: nimubunyereke! Ababatiste bavuga ko babufise: ni mubunyereke! Nimunyereke idini ribufise! Jewe ngira ndabereke ko rimwe rimwe muri yo riri inyumay'ukugomba kw'Imana. Ararwanyana, rimwe ryose muri yo rikigisha imigenzoy'abantu aho kwigisha Ijambo ry'Imana. Nta na rimwe nzi ryoba ryiteguyekwemera vyukuri icanditswe muri Bibiliya nk'uko canditswe. Ni ivy'ukuri!Ariko umuntu aje akavuga ati: « Ndafise ubutumwa bwa kino gihe! » Bikwiye ko bubanza kubonwa neza kandi ko ukuza kwabwo kuba kwaravuzwe kera.Igihe Yohana Umubatizi yaseruka baramubajije bati: « Mbega uri Kristo? »

Aca arishura ati: « Sindi we! » Baramubaza bati: « Uri Eliya? » Aca arishura ati:

« Sindi we! »

« None uri nde? »

Yari ashoboye kwimenya neza kuko yari afise ubutumwa bw'igihe. Aca

aravuga ati: « Ndi ijwi risemerera mu bugaragwa bihuje n'ivyo uwavugishwa n'Imana Yesaya yavuze. Namba ukuvuka kwanje n'ukubaho kwanje kudahuye n'ivyo, ntimunyakire. »

85 Igihe Yesu yaza, ni ko vyagenze! Intumwa iza ifise, ubutumwa butegerezwakuba ari ubutumwa bwavuzwe n'Imana kera. Hanyuma Imana, ivuze iciye muriiyo ntumwa, ikagaragaza ko ari ukuri. Ivyo muravyumva? Ivyo murabitahura?Ivyo ni mubitahure neza! Ivyo bitegerezwa kubanza kuba ari UKU NI KOUHORAHO AGIZE yari yaravuzwe kera. Hanyuma intumwa hamwen'ubutumwa bwayo bitegerezwa kuba neza na neza ico Imana yari yaravuze ko

cotegerejwe gushika mur'ico gihe.

Uko niko Mose yabaye. Ni co gituma yakubise inkoro hasi imbere y'Imanamaze arayibwira ati: « O Mana yanje, ni Wewe wandungitse! Imana yariyaramubwiye iti: « tandukana n'ako kagwi! »

Mbega muratahura ico ngomba kuvuga? Ico ni co camye kigoreka

ivyiyumviro vy'umuntu, kikamukura mu kugomba kw'Imana. Ariko nimwibukeko Mose yari yaravuzwe kera n'Ijambo ry'Imana kandi agashingirwa intahe muburyo bubereye n'Ijambo ryayo. Yesu yaravuze ati: « Nintakora ibikorwavy'Imana ntimunyizere. Ni nde muri mwebwe yonyagiriza icaha? Ni nde muri mwebwe

yonyereka ko ndi uwutizera? »

86 Nikodemu aravuga ati: « Mwigisha turazi yuk'ur'umwigisha yavuye ku

Mana, kukw'ata muntu ashobora gukora ibimenyetso nk'ivyo ukora,

shit'Imana iri kumwe na we. » Murabibona? Ivyo vyerekana ko Yesu

yar'uwizera...

Turazi inkuru za kahise k'ishengero. Ubu rero tangura mutembereze

ivyiyumviro vyanyu; Ntihararengana, ni co gituma mwokwumviriza vy'ukurimubishizeko umutima kandi ndaja kugerageza kwihuta ukwo nshoboye. Iyi kasetinimuyumvirize mugavye. Uwo ari we wese yasomye inkuru za kahise k'ishengeroarazi ko igihe ivy'ubukristo vyatangura kuba idini, vyagizwe n'ishengero ryakatolika ry'abaroma. Namba ivyo vyarashitse imbere y'aho, nagomba kobabinyereka mu itabo ca kahise. Paul Boydi ni umugenzi wanje wa hafi. Ni umwemuri barya banonosoye ivya kahise bakomeye. Mu cumba canje nkoreramwo ndafise ibitabo nka: Inama zabaye nyuma y'Inama nkuru y'i Nikaya, Inama y'iNikaya, abatanguye inama y'i Nikaya, n'ivyanditswe vyose vyubahwavy'ishengero nashoboye gutororokanya. Muri iyi myaka mirongo itatu n'itatuiheze narabisomye nongera ndabivugako. Sinigeze mbona namba idini imberey'aho. Ishengero rya Katolika ni ryo nyina w'idini. Turazi ko ari ukuri. Ishengerontiryari ryarigeze riba idini kandi ntiryari ryarigeze rihinduka idini gushika ahoishengero rya Katolika ryavukiye. Ijambo Katolika risigura ikiri kw'isi yose.Bikoreye idini ry'ishengero rifatanye na Leta maze baca barishira hejuru

y'ubutegetsi bw'i Roma, maze muri ico gihe ryarigaruriye igice kinini cane c'isi.Ryari ishengero rya Leta kandi abatashaka kuryumvira bose baricwa. Inama y'iNikaya ubwayo yabaye urugamba rurerure rw'ukuvisha amaraso mu misi cumi n'itanu aho abavugishwa n'Imana nyakuri, igihe baja ku ruhande rw'ukuri...

87 Turazi twese igihe ishengero nyakuri rya Katolika ryatangura.

Naravyigishije ngaha nyene. Twarabonye ko mu vy'ukuri Akila ariwe yabayeumwungere wa mbere w'ishengero ry'i Roma. Igihe Mpwemu Yera yamanuka kumusi wa Pentekote yaje ku Bayuda bo mu mahanga yose ari musi y'Ijuru. Arikoimisi mikeya inyuma y'aho. Petero yaronse ukwerekwa ari hejuru y'inzu,kwamutegeka kuja ku muroma yitwa Korneliyo, umuntu yagororoka basengeyekandi uwo Mpwemu Yera yururukiyeko. Hashize igihe gito, abahambaye baciyebatangura kwakira ivyo bintu. Akwila na ¨Pirisila baciye baja i Roma aho baciye bagira idini... nako sivyo, nta dini bakoze na gato ariko batunganije ishengero rya mbere ry'i Roma. Igihe ivyo babikora bari kumwe na bene Se na bashiki babo.

88 Ariko Kalawudiyo, mu gihe yatwara, yaciye yirukana abayuda bose bari i

Roma. Kandi muri ico gihe nyene ni ho ishengero Katolika ry'i Roma ryemeza koPetero yari i Roma! Ni munyereke umurongo wo mu Vyanditswe canke wo murikahise aho berekana ko Petero yoba yarigeze kuba ari i Roma! Bihuje n'Ijambory'Imana, ntiyigeze ajayo, kandi ni vyo nizera. Ni gute Petero, umuyuda, yarigushobora guhuza n'ugusenga ibigirwamana kwaganza hariya n'ivyo bintuvyose, yari gushobora gute gusenga ivyo bigirwamana vyose? Murabibona?Yari gushobora gute guca kubiri y'inyigisho yiwe bwite? Ntivyumvikana!Ntiyari gushobora kubikora nk'uko abaporoti batari kubikora: Ivyo turajakubibona mu mwanya uri imbere Umwami abikunze. Turabe neza ibi: turabona kon'igihe nyene ishengero rivuga ko Petero yar'i Roma, inkuru za kahise zitubwira

ko Karawudiyo (ivyo Bibiliya ishingira intahe) yari yategetse ko Abayuda bose bava i Roma.

89 Paulo aca i Efeso yongera ahita no mu ntara za ruguru zo muri Asiya aho

yasanze abo bigishwa. Aho niho yari yagiye kuramutsa Akwila na Pirisila. Abobene Data bamaze kugenda, bene Data bo mw'ishengero ry'i Roma baca batanguragukurikira ivyiyumviro vyabo bwite no kwongerako ugusenga ibigirwamana.Hanyuma haza Konsitantino. Nyina yari umukristo nyakuri kandi yizigira ko n'umuhungu wiwe yociye amuba ariko yari umunyapolitike gusa. Yari yabonyeko igice kinini c'i Roma, canke ivyo ari vyo vyose umugwi w'abantu bakenyebose, cari camaze kwemera agakiza kubwa Kristo. Kandi bari batanguyegukundwa n'abantu bose kuko ikigirwamana citwa Venusi bagisubiriza Mariya,icitwa Jupiteri bakagisubiriza Petero bikagenda gurtyo n'abandi bigishwa, gurtyo

bakaba bakoze idini rikundwa rwose n'abantu bose. Kandi bari n'abantu b'abahizi rwose: barya bakristo bari bazi gupfa ico ari co!

90 Ishengero rya Katolika riravuga riti: « Ni twebwe tanguriro! » Ni ukuri koko:Ishengero rya Katolika ryatanguye ku musi wa Pentekote. Ariko ryarasohotseaho, rihinduka idini maze rica ryinjiza muri ryo imitegekere yafashe ikibanzac'Ijambo. Kandi umutegekere wa nyuma (abarengeje imyaka cumi barashoborakuvyibuka) ni uw'iyurizwa mw'ijuru rya Mariya. Uwo mutegekere haraheze hafink'imyaka cumi

ushizweho. Ng'uwo uwundi mutegekere wongewe kw'ishengero!Mu kibanza c'Ivyanditswe hari umutegekere! Kandi ubu barabatahuza neza koivyo Ivyanditswe vyovuga vyose, igikuru n'ico ishengero rivuga! Umwe mubungere babo yambwiye igihe kimwe ati: « Imana iri mw'ishengero ryayo »

Nca ndamwishura nti:« Imana iri mw'Ijambo ryayo! »

Aca arambwira ati: « Bibiliya ni inkuru gusa za kahise k'ishengero rya

Katolika ryo mu ntango ».

Nca ndamwishura nti: « Ubwo rero ndi umukatolika wo mu ntango. Ko muriumupadiri, ndi umukatolika kubasumvya. Namba muri we, gurtyo na jewe ndiumwe muri bo. Murabona, nizera neza na neza ivy'intumwa zigishije mu gihemwebwe, mwizera ivy'abantu binjiyemwo. » Neza na neza uko ni ko vyagenze. Nta nkeka! Ivyo vyagenze neza na neza gurtyo.

91 Raba neza ivy'inkuru za kahise zerekana. Baciye batangura kwongerako

imitegekere. Maze igihe Paulo yaza i wabo, biciye mu nkuru za kahise turazi koatanagiye gutemberera ishengero rya mbere kuko atari gushobora kwihanganiraugusenga ibigirwamana. Aca aja kugendera ishengero rya kabiri bari batanguje,ishengero rya kabiri ry'i Roma.

Mu nama y'i Nikaya iciyumviro caraje muri Konsitantino co kwegeranya

ubwami bwiwe. Ni na co nyene cabaye iciyumviro ca Ahabu igihe yabira Yezebeli.Ivyo murabitahura? Maze igihe yabona akaryo ko gukoranya abantu biwe kugirango abagire ihanga rinini kandi ry'ubushobozi yibajije ko yari akwiye kuronkaidini ryiwe, ni co gituma yabakoreye idini ry' « ishengero ryiyunze na Leta. » Mazemu nama y'i Nikaya, igihe babaza ivyo bibazo barondera kumenya ko hobahar'Imana imwe canke zitatu, n' uko vyari bikwiye ko babatiza mw'Izina rya YesuKristo canke mu matazirano ya Data, Mwana na Mpwemu Yera n'ibindi bibazo

vyose, aho umwe umwe wese ahagaze haciye haboneka. Muri ico gihe haciye haseruka ba batama bavugishwa n'Imana bambaye insato z'intama bagafungura imboga. Ni ivy'ukuri! Ariko abo bakuru b'abubahwa bari bamaze kwinjiramw'ishengero bamaze no kubazivya akanwa bakoresheje ubwenge bw'isi.Yamara n'aho vyari uko barya bavugishwa n'Imana bari bafise «UKU NIKOUHORAHO AGIZE». Uko niko ishengero ryinjiye mu mwijima w'ubupaganimu kiringo c'imyaka hafi igihumbi.Ariko ryarasubiye guseruka ubundi busha kugira ngo rigaragaze ubwizabwaryo. Ni ivy'ukuri. Ntimushobora kuryica! Umwami yavuze ati: «Nzobashumbusha ya myaka yose yariwe n'ivyo bintu! »

92 Arya madini yari yarongeyeko imitegekere. Kuri buri shengero, kuri buri diniuburyo bwonyene bwo kuja kure y'Ijambo ry'Imana no gushira imitegekere mukibanza c'Ivyanditswe Vyera, ni ukugerageza kwinjiza umugenzo wanyu cankeinyigisho y'ishengero ryanyu, n'aho vyoba binyuranye n'Ivyanditswe. Gurtyo,mwoshobora gute gucirako iteka ishengero rya Katolika mu gihe namwe mukorankaryo? Ivyo murabitahura? N'uko. Ibi rero nimuvyiyumvireko: Ivyanditswe

ntibishobora kubesha. Imitegekere yo, uhereye mu ntango ni ikinyoma! Kandiigihe mwemeye idini muryemerana n'imitegekere, kuko ni ikintu congeweko.Ivyo ntibiri mu Vyanditswe.

93 Muri Bibiliya nta dini ribayo. Yesu ntiyigeze avuga ati: « Ndabategetse

kugenda mw'isi yose gushinga amadini! » Haba namba, ivyo ntiyigeze abivuga!Gukora ivyo, ni ugushibura Ivyanditswe Vyera. Igihe ivyo vyakorwa, ishengeroryarahindutse aho kuba « ishengero kubwo kuvuka » riba ishengero kubwoimitegekere na za nemera. » Ndabasavye imbabazi: Si ishengero ariko ni ikigo.Ishengero murarivukiramwo ariko ikigo mwifatanya na co. Nta shengero ryaBatisite ribaho, nta shengero ry'abametodisite ribaho, nta shengero rya pentekoteribaho, ariko ni ikigo c'ababatisite, ikigo c'abametodisite, ikigo c'aba Pentekote,

mugaheza mukifatanya na vyo. Ntimushobora kwifatanya n'Ishengero. Ivyontivyumvikana. Muvukira muri Ryo ni vyo vyabwiwe Nikodemu. None,murabona aho mugeze? Oh, bene Data!

Ni co gituma ivyo ndabirwanya. Sindwanya abantu bari muri vyo. Ndwanyauburyo bikoramwo. Kuko iyo umwe wo mu bashingantahe b'ishengero cankeuwundi wese canke rimwe muri ayo mashengero ryigishije ikintu kiri muriBibiliya ariko kinyuranye n'inyigisho yabo, kinyuranye n'inyigisho ngenderwakoz'ishengero ryabo aca acibwa ishengero rikoranye. Nta nkeka! Ububi bwa bamwebamwe bushika n'aho babuza ko igikorane kibera mu rindi shengero iyo kidakoreshejwe n'umwe wo mu baryo.

94 Ngira ndababwire ikintu cabereye ngaha nyene muri kino gihugu. Hariho

umuvugabutumwa ariho yari igitangura igikorwa yahagarara mw'ibarabara yigisha ukwihana avuga ati : «Ni muze mwakire Kristo muheze mwuzuzwe Mpwemu Yera!» n'ibindi nk'ivyo. Umuntu yariko ararengana yari umunywanyiw'idini rya pentekote aca araza ashira idolari imwe mu kiganza c'uwo muvugabutumwa.

Kuba yakoze ivyo yabwirijwe kuja kwihana ko yahemukiye ishengero ryiwe! Kandi abo bantu bakavuga barwanya abakatolika! Ni ivy'ukuri. Murazi ivyo mvuga; ivyari vyo vyose iri shengero rirabizi. Ni uko.

95 Ni ryari umuntu ashibura Ivyanditswe? Mubikora mu guhindura

Ivyanditswe. Kandi mubihindura iyo mwongeye ko imitegekere maze

mukifatanya n'idini. Iyo mwifatanije n'idini ubwo nyene muba mwemeye

imitegekere ya mbere yanyu kuko ikintu kidahuje n'Ivyanditswe, kiba ari

ikintu congeweko. Umutegekere ni ikintu congeweko, ikintu « gisubirira...»gisubirira ukuvuka. Iyo mwemeye idini muba mwongeyeko umutegekere. Niivy'ukuri! Iyo ivyo bikozwe « kwinjira mw'Ishengero biciye mu kuvuka » mubamwabihinduye mukabigirira « kwinjira mu kigo gusa kubw'imitegekere canke zanemera. » Kuko, murabona, umutegekere ubwawo ni wo udahuje n'Ivyanditswe.Yesu ntiyigeze avuga ati: « Nimugende mw'isi yose, mukore amadini kandimushire abantu mu madini. » Yavuze ati: « Mubagire abigishwa! » Ivyo muravyizera? [Ikoraniro ryishuye riti: « Amen »! - U]. Amen! Murabona ko muri

mu binyoma rwose!

96 Ubu rero nimwumvirize ibi: Mu kurangiza twongere twihweze ikintu kimwekugira ngo ivyo bintu turushirize kuvyinjiza i bwina. Ni bangahe muri mwebwebafise kazinduzi y'ikigiriki yitwa « L'Empathie Diaglott » ishingiye kuVyanditswe vya kera vy'ikigiriki? Ni uko. Ni muyisome mufashijwe n'incabwenge iyo ari yo yose canke mugende mu bubiko ubwo ari bwo bwosebw'ibitabo kugira ngo muserangure ico gitabo. Ni musome Ivyahishuriwe Yohana17. Bibiliya yashizwe mu rurimi rw'icongereza ku ngoma y'Umwami Yakobo[Bibiliya imenyerewe mu rurimi rw'icongereza -U] ivuga iti: « Anjana mubugaragwa ndi muri Mpwemu. Mbona umugore yicaye ku gikoko gisa n'agahama,

cuzuye amazina y'amarogotano...»Bibiliya yashizwe mu rurimi rw'icongereza kungoma y'umwami Yakobo ni ko ivuga. Ariko insiguro y'inkomoko ni iyi ikurikira ngo: « mbon'umugore ... yuzuy'amazina y'AMAROGOTANO...»

97 Hari itandukaniro rinini hagati y' « amazina yo kurogota » n'« amazina

y'amarogotano ». Ubu rero tuzirikane ibi. Turatahura twese kandi turazi ko ahohavugwa ishengero Katolika ry'i Roma ryicaye ku dusozi ndwi, rikaganzaamahanga akomeye yo muri iyi si. Ryitwa maraya na nyina wa ba maraya.Ibi nimubirabe neza: maraya ni iki? Yoshobora kuba umugabo? Ntashobora kubauwundi atari umugore. Gurtyo rero namba ari umugore, uyo ategerezwa kuba ariishengero. Yari nyina wa ba maraya basa na we. Ni murabe ivyanditswe, ngo: yari« yuzuye »! Tureke iki ciyumviro cinjire neza: Yari « yuzuye amazinay'amarogotano. » Ivyo bisigura iki? Ubu rero, mwebwe abavugabutumwa muri ngaha n'abazokwumviriza iyi kaseti ni mugume mutekanye! Ayo mazinay'amarogotano ni ayahe? Ng'aya: Metodisite, Batisite, Peresipiteriyano,Luteriyano, Pentekote, n'ayandi. Ni amazina y'amarogotano kuko bayitirira amadini kandi na yo akaba ahemukira Imana, co kimwe n'uwo mugore.

98 Muri iyo migwi, abantu bavuga bati: « Oh, n'umumetodiste akaba akora ibi!Ni umupentekote akaba akora ibi! Ni umuperesipiteriyano akaba akora ibi! Bosebakurikira integuro zabo, murabizi. Ivyo bisigura iki? Ni amazina yategerezwagusa n'irya Kristo; bose bategerezwa kwitwa abakristo, ariko ni amazinay'amarogotano! Si amashengero. Bapfa kuyita « amashengero‟. Ni ibigo! Ubu reromuratahura igituma atari abantu ndwanya ariko ndarwanya amadini? Murabona,biterwa n'uburyo amadini akoramwo, akagira amazina y'amarogotano y'ibigomaze akitwa ukutari ko ngo ni « amashengero ». Ishengero metodisite, ishengero

batiste, ishengero peresipitariyano, ishengero pentekote, ishengero luteriyano,ishengero ry'abavukanyi bagiye hamwe, ivyo vyose ntibibaho mu nyongaz'Imana: biranyuranye n'Ivyanditswe.Hari ishengero rimwe gusa kandi iryo ntimushobora kwifatanya na ryo.Muvukira muri ryo. Mwatoranirijwe kuba muri ryo. Ni umubiri utabonekawa Yesu-Kristo ngaha kw'isi ufise Ijambo ryagaragaye. Ni abahungun'abakobwa b'Imana; abo ntibari mu kigo na kimwe muri ivyo. Imana ivuga

iti: « Sohoka muve i we! » ni ko Imana igize! Ego, mu vy'ukuri.

Ubu rero twihute. Ni mwumvirize mugavye! Sinagomba kubaruhisha cane,ariko mugomvye kumpa iyindi minota mikeya, nonyarutsa ukwo nshoboye;nagomba ko mumenya neza ivyo bintu kandi nagomba kubibabwira ku buryo bitabacika.

99 Nimwibuke Uburoma, nyina, habonetse abakobwa biwe bose bafise amazina y'amarogotano. Ni ba maraya. Maraya ni iki? Ni umugore abayeho yarahemutseku masezerano y'ukwabirana kwiwe. Kandi ishengero ryose ryiyita ishengerorya Kristo rigahakana Ijambo ry'Imana riba ari iryahemutse ku masezeranoy'ukwabirana kwaryo! Rikora ubusambanyi mu kwongerako imitegekere,risambana n'isi n'ubwenge bwayo ha kwemera Kristo n'ubushobozibw'ukuzuka kwiwe kubwa Mpwemu Yera. Kandi ni nyina wa ba marayabakoze co kimwe. Ivyo bakora vyose birasa! Bamwe muri abo bantu batwengaabakatolika

na bo nyene bari mu kintu kimeze nkaryo! Ni ryo nyina w'umubatizow'ikinyoma wo mu mazi, ni ryo nyina w'ukugaragara kw'ikinyoma kwa Mpwemu

Yera, ariko mugenda mukurikira! Reka ivyo tubirabe.

- « Mbega ni ivy'ukuri ga mwene Data Branham? » Ni mutekereze kandi

akanya gatoya.

100 Murabona, ni ryo nyina w'ayo mazina y'amarogotano, w'ivyo bigo abantu

binjiyemwo, rigatera ugucokorwa mu kwigenza ukwo rigomba, mu kwihanganira abagore bambara uduhuzu tugufi tugufi, bimosha, bisiga amarangi bakongerabakanywa itabi kandi bari mu migwi y'abaririmvyi banafata ku Ngaburoy'Umwami, bakareka umwanda wose w'isi ukinjira ku buryo biba igitsitaza kubatizera. Timoteyo, yuzuye Mpwemu Yera; ivyo ntiyabivuzeko? Ivyonimubizirikane! Murabona, Uburoma ni bwo nyina wa rimwe rimwe muri yo. Ivyomurabitahura? Mw'idini ryanyu mukora neza na neza nka bwo, mwinjizamwoimitegekere mu kibanza c'Ijambo ry'Imana, ivyo vyose bikaba kuko akagwik'abantu kakoranye, abagenduzi bakuru, abungere n'abandi, kugira ngo bavuge ko

ibintu vyategerezwa kugenda gurtya na kuriya. Ni nako vyagenze i Roma.Gerageze gusa, bungere bene Data, mwemere Ijambo ry'Imana ryose mazemuzobona aho muzoshirwa : bazoca babaca! Mbere turaja kuraba mu kanya kari imbere ko Imana itabibibwiriye.

101 Ni nyina wa yose kuko yabaye uwa mbere mu gukurako ku Vyanditswe

mw'Ijambo ry'Imana kugira ngo yongereko imitegekere. Ivyo yabikoze kukoyashibuye abavugishwa n'Imana barobanujwe amavuta bari bafise Ubugingobwemejwe n'Ijambo ry'Imana. Kubwo ubwenge bwabo, abo bantu bakurubakuru, abami baganza, abami b'abaroma n'abandi, bari baremeye ukwizerarukristo ariko bari bagomvye kukwemera mu buryo bwabo, muratahura. Niivy'ukuri. Niko barakugomba, ariko bakugomba mu buryo bwabo bwite.Namani yari gukunda kwihumanura imibembe yiwe mu mazi yo mu gihuguciwe bwite kuko atakunda amazi arimwo ibiziba yo muri Yorodani. Ariko nambayagomba guhumanuka imibembe yiwe yategerezwa kumanuka gushika muribiriya biziba, neza na neza nk'uko uwuvugishwa n'Imana yari yabimubwiye. Murabona, Imana ntirobanura abantu ku butoni.

102 Raba ko ryabaye idini rya mbere. Raba n'abakobwa baryo : bakoze bimwe,bongeyeko za nemera n'imitegekere ari vyo vyasubiriye Ijambo ry'Imana. Nimumpinyuze! Ni munyereke na rimwe ritari hanze y'Ijambo! Nimunyereken'umwe muri iyo migwi utazokwirukana umupasitori wawo niyemera ukuri,kiretse gusa ari umuntu akundwa n'abantu rwose ku buryo bosanga babwirizwa kumugumya! Ni ivy'ukuri koko!

103 Ubu rero dusuzume igice gikurikira c'Ivyahishuriwe Yohana, igice ca 18,

inyuma y'aho twerekaniye ibanga ry'urya Mugore Babuloni. Igice ca 17 co muVyahishuriwe Yohana kirasigura ko ari ishengero ryicaye ku misozi ndwi. NiIgisagara c'i Vatikano, kandi kiganza abami bose bo kw'isi (ni ukurikutagabanije), n'abakuru b'ibihugu, n'abandi. Ni ivy'ukuri! Riri aho rifise muminwe ubutunzi bwose bwo mw'isi. Ni ukuri kutagabanije. «Ni nde yoshoborakukirwanya?» Ni ivy'ukuri, turabizi. None rero ni kubera iki mugomba kuba mukintu gifatanye na ryo? Raba neza igice ca 18, igice gica gikurikira ico ibanga ryiwe rimenerwamwo. Yicara mu rusengero rw'Imana.

104 Zella Braitman, muri ngaha kuri uyu mugoroba, ga Zella? Yaranzaniye ca

kinyamakuru ca Katolika, citwa Umushitsi wacu wo ku munsi w'iyinga. Icokinyamakuru cishura ivyabajijwe n'umuvugabutumwa. Kivuga giti: «

Mushingantahe Pasitori, muvuga ko iryungane ryanditswe ku gikofero ca Papa, aririyo VICARIUS FILII DEI ngo uriharuye ukurikije ibiharuro vy'abaroma, ritangaigitigiri ca ca gikoko co mu Vyahishuriwe Yohana? »

Gica kirabandanya giti: « Nta nkeka! Ico gitigiri, giharuwe, ni neza na nezaamajana atandatu, na mirongo itandatu na gatandatu. » Abakuru b'idini ryaKatolika baravyemera, ariko inyishu yabo, irimwo ubugunge kandi yuzuyeubwenge bw'isi, ng'iyi: « Ariko murazi, mu rurimi kanaka, n'izina ryanyuryoshobora gutanga ico gitigiri nyene! »Kirongera giti: « Izina ryanje bwite rihakwa kugira ico gitigiri nyene mururimi kanaka. Rihakwa gutanga amajana atandatu na mirongo itandatu na

gatandatu. Hariho n'ayandi ameze uko aharurwa mu majana! Igihe cose hagizeikintu gishika haba hariho umuntu atora igitigiri c'amajana atandatu na mirongoitandatu na gatandatu! Mushingantahe Pasitori, murazi ko muri uru rurimi cankemu rundi izina ryanyu bwite ryoshobora kuba risobanura antikristo? Kubera iki muhagarara ku tuntu nk'utwo? » Murabona ubwenge nk'ubwo?

105 Ariko Mpwemu Yera ntahendwa. Ibi nimubizirikane: Birashoboka ko izina

ryanje ryokwiza igitigiri amajana atandatu, ariko sinkwije ibindi bimuvugwako.Sinicaye ku musozi,

simvuga ivyo bintu, si ndi umutware. Ni ivy'ukuri. Ivyo vyoseUmwami arabivugako. Ni co gituma, bashingantahe, ubwenge bwanyu bw'isiataco bushikako imbere ya Mpwemu Yera. Sinkwije ibindi bimuvugwako arikopapa we, arabikwije. Yicara mu rusengero rw'Imana, akiyita we nyene Imanakandi yicaye ku misozi ndwi. Jewe, sinicaye ku misozi ndwi, n'aho izina ryanje

ryoba ritanga igitigiri c'amajana atandatu na mirongo itandatu na gatandatu.Sinkwije ibindi bimuvugwako mu gihe we, abikwije. Niko biri. Murabitahura? Nico gituma mwokwishimikiza Mpwemu Yera : « Ntimwiganyire ku co muzovuga kuko atari mwebwe muzovuga, ariko ni So. »

106 Ubwenge bwanyu n'ukuvuka ubwa kabiri kwanyu biva mw'Ijuru

vyoshobora gute kwigera bigereranywa n'ibintu vyo kuri iyi si, hamwe n'ivyobikorwa vyose bikomeye vy'abo banyamareba? Bari bazi ubugunge bwosen'inzira zo gukeberezamwo! Mose yashoboye gute kuguma ahagaze, yumviraivyagezwe vy'Imana igihe yaterera hasi inkoni yiwe igahinduka inzoka, akajaabona abanyamareba baje bagakora co kimwe na we? Ariko Mose aguma ahoatekanye kuko yari azi ko yari yumviye Ijambo ry'Imana : inzoka yiwe yaciyeimira izindi nzoka! Murabibona? Iyo mwumviye maze...Yari gushobora gukoraiki igihe ikiyaga Gitukura cabitambika imbere mu gihe yari arongoye ihangaaryerekeza mu Gihugu c'Isezerano? Ariko inzira y'Imana yaciye neza na nezamuri co! Amen! Aca aravuga ati: « Ni mutekane maze mwibonere ubwiza

bw'Imana! » Igihe iyo nzira ari iyo gutegerezwa gukurikiza Ijambo ry'Imana, reronimuyigumemwo maze murabe ingene yiyugurura! Amen! Mfise imyakamirongw'itanu n'itatu kandi ndiko ndamukorera hagira hakwire hafi imyakamirongw'itatu n'itatu. (Noshimye kugira imyaka imiliyoni cumi kugira ngondamukorere), ni ukuri sindigera mbona abura gushitsa Ijambo ryiwe igihe umuntu aryitondeye.

107 Ni ivy'ukuri! Ni murabe ubu rero ukuntu inyuma y'icaha ciwe ubu naho ariamabanga yiwe ashirwa ahabona. Turabizi kuko hamaze guhera igihe kirekire ivyotubibonye.

Turabe rero igice gikurikira, Ivyahishuriwe Yohana 18. Nagomba

ndabifatireko mu munota umwe gusa. Nkumbure ko coba ari ikintu ciza kandi ivyobiradutwara gusa iminota mikeya yiyongerako. Ivyo birashobora kugira insigurokanaka kuri mwebwe. Ndibaza ko ari ko bija kugenda.

Dutangurire nkumbure ku murongo wa 5 w'igice ca 17.

«...mu ruhanga afise izina ry'akabanga, ryanditswe ngo Babuloni

hahambaye, nyina wa ba maraya, kandi nyina w'ibihumanya vyo mw'isi. (ubu reronimwumvirize ibi): Kandi mbona uwo mugore aborewe amaraso y'aberan'amaraso y'abashingiy'intahe ivya Yesu. Ndamubonye birantangaza ndumirwarwose. »

Muratahura, ni kubera ko igihe yamubona, yabonye ari ikintu ciza cane!

Ariko yari nyina wa ba maraya, ishengero-maraya n'amadini: ivyo vyose, ni nezana neza ivyo yari yarakoze, kuko abakobwa biwe binjijemwo imitegekere nk'uko na we nyene yabigize. Raba kandi ukuntu iki gice ca 17 kirangira, ku murongo wa 18. Ubu rero turabe igice ca 18.

108 « Hanyuma y'ivyo mbona (inyuma y'aho ibanga rya wa mugore rigiriye

ahabona) mbona umumalayika wundi, amanuka avuye mw'ijuru, afise ubutware buhambaye...»

Muri iki gice gikurikira, ehe hamanutse rero iyindi ntumwa mu gihe ibangary'uwo mugore ryashizwe ahabona. Ubu rero ni ugushirwa ahabona kw'ibangaryiwe bo n 'ibanga ry'abana biwe.

Murabona, ubu rero turashobora gutahura neza na neza icamugize maraya:ni kubera ko yahemukiye Ijambo ry'Imana. Kandi ni co carigize idini.Ntiryari gushobora kuguma ari ishengero rishingiye kuri Bibiliya riguma ryemera ivyo.Co kimwe, nta dini na rimwe rizokwigera rishobora kuba ishengero rishingiye kuriBibiliya igihe cose ritemera Ijambo ryose ryo muri Bibiliya nk'uko ryanditswe.Kandi, aho ngeza kubimenya, nta na rimwe rimeze gurtyo, haba na rimwe! Ni cogituma rigipfa guhindura idini ibintu rikora (ivyo bishobora kubonekera mu Vyanditswe no ku nyifato yaryo), riba ripfiriye aho hantu nyene ryemereye uwomutegekere. Murabona, ni vyo vyashitse.

109 Muri iki gice ca 18, inyuma y'aho iryo banga rimenyekaniye, Imana

yararungitse umumalayika w'inkomezi nyinshi, intumwa. Ibi nimuvyumvirize:

«Hanyuma y'ivyo mbona umumalayika wundi, amanuka avuye mw'Ijuru,

afise ubutware buhambaye isi iboneshereZwa n'ubwiza bwiwe. Asemerera n'ijwirirenga ati: Kirakomvomvotse, kirakomvomvotse, Babuloni (urwijiji) ca gisagaragihambaye, gicitse ikibanza

c'amadayimoni, aharindirwa impwemu zihumanyazose, aharindirwa ibisiga bihumanya vyankwa vyose. Kukw'amahanga yoseyanyoye vino, ni zo burake bw'ubusambanyi bwiwe, kand'abami bo kw'isi basambana na we, abadandaza bo kw'isi batungishwa n'ubwinshi bw'ibihinda

vyiwe. »

110 Ubu rero nimurabe ibi: ubwo nyene inyuma y'aho ibanga ryiwe

rihishuriwe, ryerekana uwo yari we, ico yari ari n'abakobwa biwe abo ari bo,ubwo nyene inyuma y'aho iryo banga rihishuriwe Imana irungika

umumalayika, intumwa, kugira ngo ikore iki? Kugira ngo ahamagare abantungo basohoke! « Sohoka muv'iwe! » Ni bwo butumwa bw'igihe!

« Bantu banje, ni muve i we, kugira ngo mwoye gufatanya n'ivyaha vyiwe,mwoye guhabwa ku vyago vyiwe. »Murabona, azorivuma. Mumwiyubare cane.Sohoka muve i we! Imana irungika umumalayika w'inkomezi, intumwa.Umuco wiwe ntiwamurikiye gusa akarere gatoya, wakwiye kw'isi yose. Sohokamuve i we! Ivyo bisigura iki? Ari aho co kimwe na bashiki we. Yarungitse ububutumwa kugira ngo bumurikire isi maze buhamagarire abantu biwe gusohokabava i Babuloni. Kandi murazi ko ari ukuri. Intumwa yarungitswe iva mw'ijurukugira ihamagarire abantu b'Imana gusohoka bava i Babuloni. Kandi umuco wayo, Mpwemu Yera w'ubwiza yamurikiye isi.

111 Bibiliya ivuga ko hahindutse aharindirwa, ibohero, maze hacakiriwe ibinyonibibi cane kandi bihumanye. Ariko, atari inkukuma! Oya, oya, oya kandi oya!Ibinyamwanira, ibinyoni bihumanye kandi bibi cane, ng'ivyo ivyo yashize mukiruri akavyikikuza. Ni ikiruri kandi cuzuye ivyo bintu vyose. Cuzuye ibiki?Amazina y'amarogotano, anyuranye n'Ivyanditswe. 1Timoteyo 4: 1 haravugango: « Ariko Mpwemu avuga avyeruye yuko mu bihe bizoza bamwe bazotaivyizerwa, bagashira umutima ku vy'impwemu zizimiza no ku vy'inyigishoz'amadayimoni. » Mpwemu Yera arongera akavuga (2Timoteyo 3:1): «Arikoumenye yuko mu misi y'iherezo abantu bazoba bikakisha, birarira, badakundaivyiza. (Imana ishimwe! Namba mutari mu mugwi wacu canke namba izinaryanyu ritanditswe mu gitabo cacu, mwarazimiye!) » « Ububi! Ubuhumane! »Ndizigira ko ntabatsitaza ariko ndabagirira neza. Ni ibinyoni bibi kandi bihumanye kandi yavyugaraniye mu kiruri.

112 Ni mwibuke ko Imana ari Inkukuma. Ni yo nyene yiyise Inkukuma. Kandi

yise yakobo inkukuma. Kandi turi ivyana vyayo. Amen! Yise abavugishwa nayoinkukuma. Kandi uyo mumalayika yamanutse kugira ngo ashire ivyo bintuahabona kandi ngo ahamagarire abantu gusohoka.

Ni nko muri bwa butumwa bwanje nise: « Iyo inkukuma ikanguye ivyana

vyayo mu cari » Kirya cana c'inkukuma cahora cama gikurikira irya nkokokazin'uguhamagara kwayo mu rugo rw'aho zororerwa, ariko nticari gushobora kuryaibifungurwa vyayo, birya biteramo vy'ijoro vy'abantu benshi, barya bagore bisizeamarangi mu maso kandi bimosheje imishatsi, bambaye uduhuzu tugufi. Ivyonticari gishoboye kubikora! Ariko rero nta kindi cari kizi atari uguhamagarakw'irya nkokokazi ishaje. Ariko umusi umwe ya nkukuma y'imvyeyi icairakibona. Ica irasemerera maze iragihamagara, ivuga iti: « Mwana wanje, nturiuwo muri abo! Ni uveyo! »Kirayishura kiti: « Mama, nokora iki? »

Irasemerera iti: « Kubita amababa maze uguruke! » Kigitangura kugurukagiseka igiti gishinze, kigwa hagati mw'idini. Ariko nyina waco irakibwira iti:« Mwananje, utegerezwa kuduga kurusha aho, atari uko sinoshobora kugutwara!Amaguru yawe ategerezwa kuva kw'isi! » Yategerezwa kugifata kirikokiraguruka. Maze rero gica kirabona ko gishobora kuguruka. Yari yaje kugira ngo igihamagarire gusohoka. Ni ivy'ukuri.

113 Ariko uyo mugore Babuloni yari yarifatiye akagwi k'inkoko, zirya

nkokokazi nziza zisize amarangi mu maso kandi zimosheje umushatsi ziyita ko ariabakristo. Yari yari yarazujuje ikiruri! Mwebwe, bavugabutumwa muhagararaahavugirwa ubutumwa maze kugira ngo mwagure idini ryanyu mukareka abobagore ngo bakurikire iyo nzira, murateye isoni! Imana izobibabaza! Ivyo nimusohoke mubivemwo! « Intama zanje zumva ijwi ryanje. » Ikiruri c'ibinyonibibi, vyirarira, vyikakisha, bikunda ibibihimbara bikabirutisha Imana, bigakunda

kuba nk'ab'isi ha kuba nka Kristo! Iyo umugore yisize amarangi hose ivyovyerekana ko atakiri muri we. Muri we ni uw'ikinyoma.

Ni ukuri kutagabanije! Umusi umwe narabonye umwe muri abo bagore: Yari afiseimishatsi isize irangi risa n'urwatsi rutoto (ni ivy'ukuri), yuzuye ibintu bisa n'urwatsi rutoto bikikuje amaso yiwe.

114 Namba mutagira imishatsi maze mukaba muyigomba, ni vyiza cane, arikotuma mugira iyisa n'iy'abantu! Namba ata nzara mufise maze mukaba muzishaka,ntimugashireko izimeze nk'umuroha w'igifyera urehuye, shirako inzara z'ukuri.Namba ivyo bintu mutabifise, nta co bitwaye! Namba ata menyo mufise mazemukaronka uwuyabakorera, ni muyakoreshe. Ariko ntimukuze amenyo mezaImana yabahaye,

kubera ko gusa ahatanye gatoya, kugira ngo mushirisheyo ayandi. Ntimugasige amarangi mu mishatsi ku buryo musa n'uwuvuye muvyondo. vyondo. Ntimukabikore! Namba imishatsi yanyu ata bara ifise maze mukaba

mugomba kuyigira iyifise ibara kanaka, nibaza ko atari bibi, ariko bikore ku buryo mudasa na Yezebeli canke ikigega kigiheza gusubira gusigwa irangi!

115 Namwe, bene Data b'abapentekote mureka abagore banyu bakimosha

imishatsi mu gihe Bibiliya ivuga ko ari ubwiza bwabo kandi ko binateye isoni kobasenga bimosheje imishatsi! Hamwe n'ivyo vyose mukabareka bakajaahavugirwa ubutumwa ngo bavuge ubutumwa bwiza, bakaririmbira mu migwiy'abaririmvyi kandi bakigisha mw'ishure ryo kuwo iyinga! Murateye isoni!Mwategerezwa kugira isoni mwebwe nyene ubwanyu! Ni kubera iki ntemeraamadini? Mwibaza ko nokwigera nshigikira ibintu nk'ivyo? Ndazi igituma ivyomubikora bene Data! Muririnda rwose gutanga inyigisho irwanya ivyo bintu kukomubikoze, boca babahamagaza ubwo nyene ku buyobozi bukuru bwabo maze

bagaca babaca. Imana ishimwe hamwe mwogira ubushizi bw'amanga bwo kubikora! Ni ivy'ukuri. Imana izobahesha icubahiro.

116 Uwo mumalayika avuga iki? Ngo « Sohoka muve i we! » Ata kigabanijweko!Uyo mumalayika yaje kw'isi azanye Umuco kandi yarakayanganishije uwoMuco kw'isi yose. Yari umumalayika w'inkomezi kandi yazanywe nogutangaza ubu butumwa ngo: « Sohoka muve i Babuloni! Ntimukore kuriivyo bintu bihumanye! »

Yari afise abuzuye ikiruri maze umumalayika aravuga ati: « Ni ikibanza

kirindirwamwo ibinyoni vyose bihumanye kandi bibi. » Ubu afise ivyuzuyeikiruri: Ni Inama Nkuru Mpuzamashengero, canke nako Mpuzabigo. Vyoseyabishize mu kiruri, vyose biriko barakoranira hamwe. Yahindutse ikiruri, niivy'ukuri, ikiruri cuzuyemwo ibinyoni bihumanye. Ni ivy'ukuri. Gerageza rimwegusa muvugane n'umwe muri bo muti: Oh, bagenzi bakundwa, ese ukuntu baziubwenge bw'isi! Ariko ntaco bazi kuvy'Imana co kimwe nk'uko agakwavu atacokazi ku birato binonoreramwo imitsi mu gihe c'urubura. Ni ivy'ukuri. Ivyo ni vyo

vyonyene bafise. Ico bafise gusa, ni ubwenge bukeya bubatuma batahura utuntutubiri canke dutatu, ariko ku vyo kumumenya, We, aho rero! Ego, barifatishijemaze bugaranirwa mu kiruri ciwe hamwe n'imitegekere yiwe yose. Amashengeroy'abaporoti atanguye gukora co kimwe, acika abakobwa biwe kuko ahakanaIjambo ry'Imana. Ni vyo akora na we nyene ubwiwe: ahakana Ijambo ry'Imana.Maze iyo mwemeye ikindi kintu mu kibanza c'Ijambo ry'Imana, mubamurihakanye mwebwe nyene. Maze iyo mwifatanije na rimwe ryo muri ayomashengero, naho nyene muba mwahakanye Ijambo ry'Imana. Imana ntigomba ko mumera gurtyo, nta kibanza c'ivyo mu Vyanditswe kihari.

117 Raba neza ko uyo mumalayika ari we w'Umuco; ni mwibuke ko wa

mumalayika wa nyuma ari umumalayika w'ishengero rya Lawodikiya. Ni

intumwa ya Lawodikiya, uwa nyuma kuko igice gikurikira, ikigira ic'icumin'icenda, ni k'ukuza kw'Umugeni. Kandi mu Vyanditswe, ni umumalayika wanyuma aza azanye Umuco imbere y'uko Umugeni aza gusanganira Kristo. Niigihe rero ca Lawodikiya. Intumwa y'igihe ca Lawodikiya yakoze iki? Yaramuhamagaye ngo asohoke ave i Babuloni! Ibi nimubizirikane! Murabona ayomashengero yugaraniwe mu kiruri ciwe hamwe na we bo n'imitegekere yiwe,ahakana Ijambo ry'Imana akemera imitegekere! Uyu ni we mumalayika azaniraUmuco ishengero rya Lawodikiya ryashibuye Kristo n'Ijambo ryiwe kugira ngorishireho imitegekere riraheza rishira hanze Umwami. Kandi ahagaze ku rugi,

yuguruza kandi agerageza kwinjira. Ivyo murabitahura? Iki gihe c'ishengerocarashibuye Kristo, kandi Kristo ni We Jambo; caramushibuye none ari hanze. Nico gihe conyene c'ishengero aho tubona Kristo ari hanze ahamagara kandiagerageza kwinjira. Kandi ubu butumwa bw'umumalayika (ari we yari intumwaivuye ku Mana) kwar'ukwasirana kw'ubutumwa bwiwe kw'isi ngo: « Sohokamuve i Babuloni! Sohoka muve mu madini! » Kino gihe, ukugaragara kwaMpwemu Yera ni uwo mumalayika agerageza kugarukana abantukw'Ijambo, kuko Mpwemu Yera ata kindi yemeza atari Ijambo ry'Imana.Ntashobora kwemeza imitegekere kuko ata bugingo buri muri yo. Ni We Bugingo.Raba ko igihe c'ishengero rya Lawodikiya camwihakanye, camushibuye maze kikamuta hanze.

118 Raba ko uyo mumalayika ari intumwa ya nyuma imbere y'ukuza kwa

Kristo mu gice ca 19 c'Ivyahishuriwe Yohana. Ijwi ry'intumwa! Tubone ko

igihe yumvikanisha ijwi ryiwe kw'isi ukwasirana kwaryo kwaciye kwumvikaniramw'Ijuru. Namba mugomba kuvyandika, ni ku murongo wa kane. Igice ca 19,umurongo wa 4. Iri kw'isi, iyo ntumwa yagendana rwose n'Imana ku buryo igiheyavugira kw'isi, Imana yaciye yitabiriza mw'Ijuru ku vyo yari

avuze. Uwomurongo wa kane wahinduwe gute? Usobanura iki? Ijwi ry'Imana ribwira abantubayo batoranijwe riravuga riti: « Sohoka muve i we! » Neza na neza ng'ico icoiryo Jwi ryari riri! Ryaciye risohora abo bantu bose ngo baveyo, ryabasohoyeribakura i Babuloni. « Sohoka muve i we kugira ngo mwoye gufatanya n'ivyaha

vyiwe! » Ata kigabanijweko! Sohoka muve muri iyo mitegekere bo n'izo zanemera kugira ngo mugende mugana Ijambo ryabaye Mpwemu n'Ubugingo. Amen!

119 Nimurabe kandi ibiba ku gice gikurikira, igice ca 19, ngo: « Hanyuma

y'ivyo...» Mwabibonye? «Hanyuma y'ivyo...» Yabonye iki? Hanyuma y'ibiki?Nyuma y'aho Ubutumwa buvuga ngo: « Sohoka muve i we » buvugiwe haciyehumvikana akamo k'abera bo mu Mugeni bari kumwe n'Umukwe, bajanye mubukwe bw'Umwagazi w'Intama. Mbega ukuntu twegerey'ivyo, ga bene Data? Umuhamagaro wa nyuma ni uwuhe? Ni: « Sohoka muve i Babuloni! »

Murabona, ga bene Data, ni co gituma ntemera ivyo bintu. Ntibihuye

n'Ivyanditswe, ntibitumbereye inzira. Vyaragaragaye ko vyari ibinyoma. IvyoImana ntibirimwo, ntiyigeze ibibamwo kandi ntizigera ibibamwo. Simvuze ko atabantu bakijijwe bari muri ayo madini (Ishengero ryubatswe bihereye kuri yo),ariko igihe cose muguma muri ubwo buryo akoramwo, muba muri umwe wo muri yo.

120 Iyo ngumye muri Leta zunze ubumwe za Amerika, mba ndi umunyamerika.Igihe cose ndi imvukira yo muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika canke umwemu bakibamwo mba ndi umwe mu bakigize. Ngiye mu Budagi maze ngahakanaubwenegihugu bwanje kugira ngo mfate ubwenegihugu bw'abadagi simbankibaye umunyamerika ariko mba ndi umudagi. Kandi iyo ngiye kuba muBuyapani canke mu Burusiya, nca ncika umwenegihugu waho.

Kandi iyo mwifatanije n'idini kanaka maze mugacika uwo muri iryo

dini, muba mwerekanye ico muri co. Muri iyi misi ya nyuma Imana ihamagariraabantu kuva muri ayo madini. Bibiliya iravuga iti: « Nuko muve hagati ya ba bandi,mubitandukanyeko, ni k'Uhoraho agize, kandi ntimugakore ku kintu gihumanyena kimwe, nanje nzobakira, kandi nzobabera So, namwe muzombera abahungu n'abakobwa, ni k'Uhoraho ashobora vyose agize. » [2 Ab'i Korinto 6: 17-18. -U]. Murabitahura?

121 Ni co gituma navuze ndwanya amashengero, ivyo bigo. Ivyo sinshobora

kuvyita ishengero! Hari Ishengero rimwe ryonyene, ni Ishengero ry'Umubiri waKristo. Ariko ku vyerekeye ivyo bigo bita « amashengero », Bibiliya yanjeimbwira ko yose afise amazina y'amarogotano kandi ko yose ari amadini. Arogotaku biki? Kurogota, ni ukuba urwanya canke kuvuga urwanya ikintu kanaka. IyoImana ivuze iti: « Nimuvuke ubwa kabiri! » Baca bavuga bati: « Nimwifatanyenatwe! » Murabitahura? Kurogota, n'igihe ishengero rya Katolika rishiraumubatizo wa Mpwemu mw'i hosiya, kandi atari vyo, igihe ishengerory'Abaporoti riwushira mu gukorana mu minwe maze ishengero ryaPentekote rikawushira mu bigumbagumba aho kuba ari Kristo ubwiweazanana n'inyubako yose y'ipiramide nk'uko twabibonye wa musi. Ku kwizera kwanyu mukwongereko ingeso nziza n'ibindi. Ivyo biri muri 2Petero 1: 5 aho ibi bintu vyose bivugwa: ukwubaha Imana, ingeso nziza, ukwera,ivyo vyose, ubwo rero muca mushirwako ikimenyetso ca Mpwemu Yera.

122 Iyo bigishijwe nabi, abantu baca bibaza ko hari ikintu bafise kandi ataco

bafise. Aho hambere Abametodisite biyumvamwo ibigumbagumba bidasanzwe,bagahinda agashitsi bukeya canke bagatambira muri Mpwemu. Abapentekotebaravuga mu ndimi maze bakihebera ibigumbagumba vyabo. Ivyo bintundavyemera nta nkeka, ariko ivyo bintu ntaco bimaze bitari kumwe n'ibindi. Nk'uko nabivuze wa musi, ivyo bisa na ya nyoni yirabura ifise umunwa usan'umuhondo iyo igerageje kwisakaza amubi y'inyoni yitwa pawo canke igisiga coba gishaka kwishirako amubi y'inuma. Ayo mubi si ayo zaremanywe,zigerageza kuyishirako. Ni ikintu c'igiterano, ni idini. Ariko iyo ari Imana

ibashizemwo ikintu kanaka, ni ico umuntu yaremanywe. Iyo mwibwiye murimwebwe muti: « Narifatanije n'ishengero kanaka ejo ku mugoroba. Uburero singishobora kwigenza nabi, singishobora kunywa inzoga, singishoboragukora ibi na biriya: narifatanije n'ishengero! » Mu kuvuga ivyo mubamugerageza gutera amababa y'inyoni yitwa pawo ku gikankara canyu c'igisiga.Ni ivy'ukuri. Murabona. Ivyo murabitahura? Birakwiye ko muvuka ubwakabiri! Birakwiye ko mwakira Kristo! Kandi iyo mwakiriye Kristo,ntimushobora kumwakira mutakiriye Ijambo ryiwe kuko ari We Jambo.Ariko iyo mufise ishusho y'ukwubaha Imana maze ivyo mukabihakana, nca nibazaibibazo. Murabitahura? Murashobora kuba mu madini yose mugomba mukongera mukagira ishusho y'ukwubah'Imana ariko mudafise ikintu c'ukuri.

123 Ng'ivyo, bagenzi bakundwa. Vyose biri aho. Imana ibahezagire! Imana

ibafashe! Ivyo sindabivuze kugira ngo mbe uwutandukanye namwe: ngiranisigure. N'aho uno musi ari umusi mukuru wo kwibuka igihe hahagarikwaintambara, ivyo ntibisigura ko ndiko ndatera igikumu ku

masezeranoy'amahoro hamwe na mwebwe bavugabutumwa bandi! Haba namba! Nibazako ari mwebwe mwategerezwa kuza kugira ngo tuyatereko igikumu turikumwe, atari kumwe nanje ariko kumwe n'Imana ari Yo Jambo. Ni ivy'ukuri.Ni ivy'ukuri.Vuga ico Bibiliya ivuga kandi mukivuge mu buryo ikivugamwo.Kuko Bibiliya ivuga ibi: « Uwuzokurako canke akongerako...» Kandi, murabona,idini ni ikintu kidahuje n'Ivyanditswe maze iyo mwakiriye umutegekere wa mbere

mwoba mugize neza musubiyemwo inzira yose musubir'inyuma kuko aho ari ahomwatereye umurongo. Ni mwagaruka gushika ku kuvuka ubwa kabiri, niho rero muzinjira mu Vyanditswe.

124 Ni mwaja mw'idini, bazobabwira bati: « Murazi, ibi ntituvyizera. Abungerebacu batwigisha mw'ishengero ryacu ko turi rimwe mu mashengero ya kera cane.Ntitwigisha...» Ivyo batigisha ntaco bitwaye! Namba Bibiliya ivyigisha,Mpwemu Yera ari muri mwebwe azofungura Ijambo. Abantu buzuye ubwengebwo kugerageza kuvyikuramwo bakoresheje insiguro zabo, kandi barabishikako!Uwutizera arashobora gufata Bibiliya maze akabashira kure y'Imana akoresheje

insiguro ziwe.

Ni co gituma ata muntu n'umwe afise uburenganzira bwo kuvuga

Ubutumwa bwiza mu gihe atarasubira, nka Mose, ha hantu hera ho mu

musenyi wo mu bugaragwa maze agahura imbonankubone n'Imana, mu giheataravuka ubwa kabiri, agahagarara imbere y'Imana imbonankubone kandiakagira ubwenge. Kand'ivyo, nta wutizera n'umwe, nta vyigwa bijanyen'inyifato na bimwe, nta nsiguro n'imwe, nta muhanga n'umwe wo mw'isi yoshobora kubibaka: Niho mwari muri igihe vyashika! Ni ivy'ukuri! Murazi ivyashitse. Ni mwavuga muti: « Naragize mwen'iyo gatitiba kandi hari impwemunahawe » ariko iyo mpwemu igahakana Ijambo uburyo ubwo ari bwo bwose, niimpwemu y'ikinyoma mwahawe! Ni mwavuga muti: « Sinshobora kwakiraben'ivyo bintu. Ivyo ndabizi, ariko ishengero ryacu...», ni impwemu y'ikinyoma!Ni co kimenyetso canyu kibaranga; mufise ikimenyetso ca Kayini. Atakigabanijweko.

Eva yakekeranije kw'Ijambo ritoya gusa. Ntiyakekeranije ku vyo Imana yariyaravuze vyose, ariko gusa kw'Ijambo ritoya, kandi nivyo vyatumye habahoimibabaro yose, ukubabazwa umutima kwose, urupfu, icaha, intambara n'ibindivyose, icitwa imva, icitwa rusehabaniha, ugutaka kwose, ukwubaka ibitaro vyosebigenewe kwakira abarwaye. Kuba yarakekeranije kw'Ijambo ritoya ry'Imanavyatumye ivyo vyose biba. Maze yaciye ashiburwa kandi ivyo bitarikwigerabishika. None mweho, muzinjira gute nimwakekeranya kw'Ijambo na rimwe ryomuri Bibiliya? Muravuga muti:« Ndazi neza ko ibi ari vyo ivuga, ariko...» Namba ibi ari vyo ivuga, nta kindi iba igomba kuvuga.

125 Ubu rero reka ibi tubizirikane. Imana irakeneye ikintu kanaka kugira ngo

icire urubanza ab'isi. Ntimushobora guca urubanza mutabanje kuba mufiseicagezwe. Kugira ngo mucirwe urubanza bikwiriye ko haba hari ikintu kanakamwaciye kubiri na co, muratahura. Kandi ntihashobora kubaho urubanza rubereyeata gihano. Mu gisagara canyu ntimushobora kugira itegeko rivuga riti: «Hazotangwa ihadabu ry'amadolari atanu ku wuzorengana ya matara atukura, yakakugira ahagarike imiduga. » kandi rikavuga ngo: « Birarekuwe kurengena yamatara atukura yaka, kugira ahagarike imiduga »! Ivyo ntawushobora kubikora.Ntihashobora kubaho amategeko abiri ku kintu kimwe. Hari itegeko rimwe, Imanaimwe, igitabo kimwe, Kristo umwe. Nta bindi. Hari ukwizera kumwe, l icizigiro

kimwe. Nta bindi. Ni Bibiliya, Kristo.Raba neza rero ko iyo ikintu kanaka congewe kuri iyi Bibiliya, ni umuntu aba abikoze.

126 Kandi namba Imana itegerezwa gucira urubanza ab'isi ikoresheje ishengeronk'uko Abakatolika babivuga, izoyicirako iteka ikoresheje irihe shengero ryakatolika? Hari menshi! Hari ishengero ry'i Roma, ishengero ry'abagiriki kandi hariubwoko butandukanye bwayo. N'irihe shengero rero rya Katolika izokoresha muguca urubanza? Canke nkumbure ko izoca urubanza ikoresheje ishengerory'abaluteriyano? Atari uko yokoresha ishengero ry'abaperesipiteriyano?Murabitahura? Izokora iki? Ntizoca urubanza ikoresheje ishengero. Izocaurubanza ikoresheje Ijambo ryayo.Murabona, ntishobora gufata imigwi y'abantu nk'uko kwa kwerekwa kwa mushiki wacu kwabitweretse wa mugoroba igihe twabona ukuntu Mpwemu Yera yaciye mu ntoboro y'agasandugu adakebereje. Nta na kimwe co kumutangira carimuri ko. Ni ikintu umuntu yisangiza. Yatanzwe kugira ngo atunganye ishengero,ariko ntirishobora kumugumya. Nta dini na rimwe rishobora kumugumya. Aho ni

ho vyose bihagaze. Ntiyonaruha abishobora. Aho niho vyose biri: ntaco

mwoshobora gukora kuri urwo rufatiro. Amadini ntashobora kubikora. Ni umuntu ku giti ciwe afise Mpwemu Yera. Ni mubimenye neza.

127 Namba Imana itegerezwa gucira urubanza ab'isi ikoresheje Ijambo

ryayo, nta nkeka ko yarigumije kw'Ijisho kandi ikaririndira mu buryo

butunganye. Iyo riba ritari ritomoye yoshoboye gute gusoma urubanza?

Murabitahura? Birakwiye ko hagira igituma rucibwa. Ntiyigeze ivuga iti: «

uwuzogira ico yongera canke akagira ico akura kw'ishengero...» ariko yavuze iti :« Uwuzokwongerako canke agakurako Ijambo rimwe kuri iri Jambo, umugabanewiwe uzokurwaho mu Gitabo c'Ubugingo. » Ni co gituma kuri jewe hariho Imana,Ijambo ryayo bo n'urubanza. Ariko rero niciriye urubanza maze nkemera Ijambo,nkabona ko Kristo yampfiriye, nzoca ndamusaba ko Ubugingo bwiwe bunzamwomaze bukandongora. Maze namba Ubugingo bwiwe ari Ijambo kandi akabayaranditse Ijambo, ubwo Bugingo bwoshobora gute kumbamwo kandinoshobora gute kwibaza ko mfise Mpwemu Yera ndamutse nongeyekoimitegekere mu kibanza c'Ijambo? Ivyo ntibizoruha bigenda neza! Noshobora

gute kwongerako idini mu gihe Yo ataryemera yarabigaragaje kandi

akavyerekana, ikoresheje kahise, ko igihe cose abantu bakoze idini baciye bapfamu buryo bw'impwemu? Oh, bagwiza gusa igitigiri c'abanywanyi babo, ntankeka! Igitigiri c'abanywanyi babo kirongerekana. Ariko mu buryo bw'impwemuntaco bashikako namba. Nyereka muri kahise aho ishengero ryigize idiniritaciye ripfa ubwo nyene, Mpwemu Yera amaze kurivamwo. Nta bimenyetso n'ibitangaza biba bikiri muri ryo, riba ryinjiye mu kaga.

128 Neza na neza ivyo ni vyo vyashikiye amashengero yacu y'abapentekote.

Yakoze neza na neza ivyo nyina wayo yari yarakoze. Mu ntango yari yarasohotse,bari abantu bari barashibuye amadini. Muri mwebwe, bene Data muzokwumvirizaiyi kaseti, hariho abatama bakeya bazi ko haheze imyaka mirongw'ine cankemirongw'itanu, iyo bari kuba barabwiye abo bantu ngo bakore idini, bari gucabavuga ko ari ukurogota. Ariko uno musi ikintu kera mwahora mwita ukurogotani co murimwo! Nyoko wanyu, wa mupentekote wa kera yera kandi w'intore,yararwanya ko abagore bimosha imishatsi kandi bakisiga amarangi. Mwashikiwe

n'ibiki? Paulo yavuze ati: « Ko mwagenda neza; ni nde yabateye gutenzekanyango ntimwumvire ukuri.» (Ab'i Galatiya 5:7) Murabitahura? Aho hambere mwaridegemvya kuri ivyo bintu vyose, ariko mwashatse kuba nk'abandi.

129 Ni neza na neza nk'uko Samweli yabivuze. Isirayeli yari ifise Umwami,

yar'Imana. Ariko abantu babwira Samweli bati : « Samweli we, urashaje! Duheumwami : Tugomba kuba nk'abandi bose bo mw'isi. Tugomba kuba nk'ayandimahanga.Tugomba umwami wo kuturongora mu ntambara, tugomba umwamiyoshobora kuturwanira mu ntambara zacu. » Ivyo bibabaza Samweli.

Arababwira ati: « Hari ico nigeze ndabanyaga? Noba narigeze ndabanyagaamafaranga? Noba narabasavye inka canke ikindi? Noba narabasavye ikintu icoari co cose? »

Barishura bati: « Oya, ntaco wigeze udusaba. »

Aravuga kandi ati: « Hari ico navuze mw'Izina ry'Uhoraho kitashitse? »

Mbega si ivy'ukuri? Arababwira ati: « Rero ntimwakire uwo mwami kuko ivyo bizobabera akaga. »

130 Ubu rero, mwebwe abo mw'Ihema rya Branham, nagomba kubabaza ikibazokimwe. Muriko muraba ikoraniro rinini. Birashoboka ko nova hano nkaja ahandihantu nkamara yo igihe kitazwi. Biragoye kuvuga ahantu Umwami azompamagarandi. Nkumbure ko azonkura mw'isi.Nkumbure ko azondungika kuvuga ubutumwamu bice vya kure, nkumbure ko azondungika imbere y'uko Yesu agaruka.Nagomba kubabaza ikintu kimwe. Noba narigeze kugira ico ndabasaba? [Ikoraniroryishuye ngo «Oya»-U] Noba narigeze kubasega amafaranga? [Ikoraniro ryishuye

riti: « oya »-U] Mu bintu vyinshi nababwiye mw'Izina ry'Umwami, hari iconababwiye kitashitse? [Ikoraniro ryishuye riti: « Amen! »- U] Gurtyo rerontimwigere mwifatanya n'idini! Biranyuranye n'Ijambo ry'Imana.

Nimusohoke murivemwo namba muririmwo, itandukanye naryo maze

mwakire Ijambo ry'Umwami. Twunamike imitwe yacu.

131 O Mana y'ubwiza y'abavugishwa na We, Mana ya Aburahamu, ya Isaka naIsirayeli, ongera ubushobozi, Mwami, kuri ubu butumwa buto bucagaguyebwamye ku mutima wanje igihe kinini kandi ubwo nagomvye gushikiriza beneData. Aha hanze hariho benshi, Mwami, banyibazako nabi. Bibaza ko ngombagukora ibinyuranye n'ivy' abandi. Bibaza ko ngerageza kwigira uwuzi vyose.Babwiye abantu ko ngerageza kubahenda, cane cane ku nyigisho nko ku mubatizomw'Izina ry'Umwami Yesu, uruvyaro rw'inzoka, umwe maraya ahambayen'ubundi butumwa bwagaragaye ko butagiramwo ikindi kintu atari ukurigutunganye kutavanze. Kandi narababajije nti: «Bamwe bamwe muri mwebwe

banyereke aho nkora icaha, aho ntizera, aho nsobanura nabi Ijambo.»Nta n'umweyaserutse! Ndagusavye, Data, ngo umenyeshe abo bantu ko igihe kiriko kirabarengana. Bazorindira gushika aho harengerana nibataba maso.

132 Mwami, hari ico nzi neza, ni uko umutima wanje wovunitse iyo aba uyu

murongo wo mu Vyanditswe utari ari uwo ukuri kuri jewe, aho uvuga uti: « AboData yampaye bose bazoza kuri Jewe. Intama zanje zumva ijwi ryanje. » Ni cogituma, Mwami, nizera ko Ubwami bumeze vyukuri nk'uko wabivuze. Ndazi koari uko, ko busa n'umuntu yatereye urusenga mu kiyaga maze aroba isamakiz'ubwoko bwose. Urusenga rw'ubutumwa bwiza rwarafashe ata nkeka ifi yitwa insinga, ibinyamasyo, inkara n'inzoka. Ariko mu nyuma, buke buke, ifi yitwainsinga yarasubiye mu mazi, ikinyamasyo carihungiye, inzoka nayo yaravugijeagahwa maze yisubirira kwinjira mu mwobo wayo mu vyondo nk'imbwa isubiye

ku vyo yari yadashwe n'ingurube yivurunga mu vyondo. Ariko, Mwami, harihon'amafi y'ukuri. Kandi mfise uku guhumurizwa kuko nzi ko n'imbere y'ukourusenga ruyafata yari asanzwe ari amafi. Yari yavutse ari amafi kandiyatoranirijwe kuba amafi. Ni naco kizanwa n'urusenga rw'Ubutumwa Bwiza mumakanguro. Abawe urabazi. Data, ico njejwe gusa, aho ngeza kubimenya, niukuguma ndi umwizigirwa kuri iri Jambo ry'Imana. Ni Wewe uzi kugosora. Kandindazi ko ikinyamasyo kitazoshobora guhinduka ifi yitwa imoto nk'uko umuntuw'igipfamatwi ku Butumwa Bwiza atotahura Ukuri. Kuko Data yabonye ivyo vyose bitaraba kandi warasezeranye ko abo yaguhaye bose boje.

133 Data wo mw'Ijuru, ndagusaba nsabira umuntu wese azokwumva ubu

butumwa buto, aho azogeza hose kubutahura mu muco bwavuzwemwo, kugirango atahure intumbero mfise mu mutima wanje kuri bene wacu, ku bantuwapfiriye. Mwami, hariho abantu aho hanze basa n'abari muri wa mugwi wa Kora:bari abantu ataco biyagiriza mu mutima, ariko barongowe nabi. Bari bafise icoterocera mu minwe, ariko barahonye. Nta n'umwe yoshoboye gufata ivyo vyotero.Eliyazari, umuhungu wa Aroni, yaragiye arabitoragura maze babikoramwoibendera, inkinzo itwikira igicaniro, gurtyo biba icibutso kuri ico kintu giteyeubwoba cabaye aho Kora yagerageje kwikorera umugwi wo kurwanyaintumwa y'Imana. Gukora nk'uko birakatuba kure, Mwami! Mpwemu Yera n'aturinde ibihe vyose!

134 Turagushimira, Mwami, kubwo agashengero kacu gatoya, kubwo iki

gicaniro gito cera. Haraheze imyaka itari mike, nka mirongo itatu, narapfukamyeaha hantu mu gihe hari hakiri ahantu h'urushanga gusa, huzuye ivyatsi bibin'ubukanye maze twaciye tugushikanira iki kibanza n'iyi nyubakwa. Kandi mumfuruka y'iri Hema hugaraniwe urupapuro rudondoweko ukwo kwerekwa.Kwarashitse ata kivuyemwo. Urwo rwandiko niho rukiri. Ntituzosambura iyinyubakwa, Mwami, tuzoyigumya gusa mu kuyagura. O Mana yacu, duhe ubuButumwa Bwiza bw'ubwiza buri muri izi mpampuro ntibwigere buva muri akagashengero gushika ku kugaruka kwa Kristo. Ese uwugize Umubiri wa Kristowese, ava muri iki gihugu canke aho ari ho hose mw'isi, yokwakira Umuco,Ubutumwa Bwiza, akagendera muri Wo, akakira Kristo.

Ese ivyo vyoba koko ivy'ukuri ku buryo aya majambo ashika ngo: «

Ibikorwa nkora, bazobikora nabo. Uwumva amajambo yanje maze akizerauwantumye, afise Ubugingo budashira. » Maze iyo Ubugingo budashira bwinjiye,baravukira mw'Ijuru maze ibikorwa vy'Imana bikagaragara kuko ari Ubugingo bumeze co kimwe n'ubwari muri We. Ivyo nta kindi vyokora.

135 Nico gituma, Data, dufashe kugira ngo iri shengero ntiryigere rishiraivyizigiro bidashira ku bigumbagumba, kw'idini, ku co ari co cose kiri musi yaKristo, We ari muzima muri bo maze akemeza Ijambo ryiwe aciye muri bo kandiaciye mw'Isezerano ryiwe. Ese bose kuri aka kagoroba bogira iyo gatitiba, uhereyeku mwana muto gushika ku wushaje kurusha abandi. Ni bibe gurtyo nyene kuriuwo wese azokwumva iyi kaseti yaba umugabo canke umugore, yaba umuhungu

canke umukobwa, Mwami, kandi ubatahuze ko ngerageza gusa kubaburira nokubahamagarira gusohoka kuko igihe gikuze kurusha uko tuvyibaza. Turabona Babuloni, wa mugore maraya, ariko arakorana n'abakobwa biwebose b'abamaraya. O Mana yacu, turazi ko Icanditswe kivuga ko urwamfu mumurima w'ingano ruzobanza gutekerwa imikama. Kandi baraboshwe mu mikama,biha amazina y'amarogotano kuko mu vy'ukuri ntibari mw'Ishengero ry'ukuri. Niibigo s'amashengero. Muri yo, harimwo Ishengero rimwe gusa, Data, ni rya rindi wapfira.

136 Kandi ndagusaba, Data, tuyabona ubu atekewe abikiwe umuriro

w'amabombe ruhonya nganda, ndagusavye, Mwami, ngo ukore vyose kugira ngoingano zuzure neza kandi zigire uburemere. Biduhe, ewe Mwami. Duhe gukurakandi twatse Umuco maze tube nka Yesu. «Ni ntakora ivyo Imana yambwiyegukora, nta Bugingo mfise muri jewe. Ariko iyo Imana ivuze maze ikagaragazaUbugingo bwayo, aho rero buca bwivugira.»Ivyo n'ubiduhe Mwami. Ndakuragijeubu Butumwa kugira ngo ubwiteho maze bushobore kuzana ku Butumwa Bwizaabantu ibihumbi, Mwami, canke nako

abana bawe bose batoranijwe. Muri Yesu Kristo ari we Jambo, mw'Izina ryiwe ndagusavye. Amen.

137 Ndamukunda, ndamukunda

Kuko ari We yabanje kunkunda

Maze andonkera agakiza

Ku giti c'i Karuvariyo.

Ngira ndababaze ikibazo. Kuri uyu mugoroba, muri iri koraniro riboneka,

muri ino nzu niniya yuzuyemwo abantu, aha hantu ho gusengera, ni bangahe murimwebwe bizera n'imitima yabo yose ko ubugingo bwabo bukwije ibisabwan'Imana na Bibiliya? Ni bangahe bizera, basuzumye ubugingo bwabo bwite,baravye n'uburyo Mpwemu yigaragaza muri bo, ko bafise ukwizera mw'Ijamboryose nk'uko ryanditswe kandi ko baryitondera? Ivyo muravyizera? Imanaibahezagire! Ese yobagumizako na natryo Mpwemu wayo.

Bagenzi bakundwa muriko murumviriza iyi kaseti, nagomba ko mushoborakubona iri koraniro riri ngaha kuri uyu mugoroba! Ndibaza ko abatari munsiy'ibice mirongo icenda kw'ijana badugije ibiganza bemeza ko bizeye Bibiliyakandi ko batitayeho ivyo ishengero rivuga ariko ko bitayeho ivyo Bibiliya ivuga,atari ivyo ikigo kivuga ariko ivyo Bibiliya ivuga, kandi bakabona Ubugingo bwa Kristo bugaragara muri Yo.

138 Murazi vya bihe vya kera, imbere y'uko habaho abahingura ivyuma kugirango bashongeshe ubutare, aho umucuzi yakubita izahabu akoresheje inyundo.Ndibaza ko ivyo mwavyumvise babivuga. Imbere y'uko habaho abayishongesha,izahabu yarakubitwa. Kandi izahabu ni bumwe mu butare buremereye cane,iraremereye kurusha ubutare bita plomb. Ubwanje narakoze mu vyo kugenzura ivuririmwo ubutare. Iyo mufashe mu minwe yanyu umusenyi mukeya uvanzen'ibumba wo mu bugaragwa, mukawanikira neza mumaze kuwunyukura mubiganza maze mukawuhuha, inkungugu yose n'urucekeri rw'intete ntonto ruzoca

ruguruka, ariko izahabu yo iraremereye ku buryo ica iguma mu kiganza canyu.Ariko iyo zahabu mutoraguye gurtyo iba yarabaye cane mw'ivu ku buryo bibavyaravanganye. Uko ibihe vyagiye bikurikirana, yaragiyeko ivyondo, yagiwekon'ingese y'ivyuma maze ica ivangana n'ubundi butare. Uwakubita izahabu yafataikimanyu c'izahabu maze akagikubita, hanyuma akagihindukiza agakubita urundiruhande, hanyuma akayihindukiza ubundi busha maze agasubira agatanguragushika aho imyanda yose igiherako. None murazi ukuntu yashobora kumenya ko

imyanda yose yakivuyeko? Ni igihe yashobora kuyibonamwo ishusho yiwe bwite.

139 Uko niko Imana ikorana n'ishengero. Irakubita za nemera zose, idini ryose,imitegekere yose yakozwe n'abantu gushika aho ibona Ubugingo bwayo bwitebugaragaye muri mwebwe. «Asangwa ntakora ibikorwa vya Data,ntimunyemere.» Murabibona? Iyo icagenewe kuba ishengero (Ubugingo bwarimuri Kristo) kitagaragaye muri mwebwe, ni murindire, igihe cose mudafiseukwihangana, ingeso nziza, ukwirinda, urukundo rwa bene Data hamwe n'ivyobintu vyose musabwa. Ivyo mwoba mwarakoze vyose, akaruru kose mwobamwaravugije, uko amashengero mumaze kwifatanya na yo angana kwose, ukoamubi mwishingagiye ku mugongo angana kwose, ntihagire ico mukora! Nimurindire gushika aho vyukuri, bivuye mu bwina bw'imitima yanyu, mushoboraguharira, mu mitima yanyu mukagira urukundo rwa bene Data.Mutegerezwakugera aho babashikuye ubwanwa bwuzuye urushi ku musaya umwe mushobora

guhindukiza uwundi mu bugwaneza mufise n'izo ngeso nziza zose, ivyo

bobabwira vyose.

140 Mmu kumukubita bamupfutse mu mutwe maze baravuga bati: « Bisa n'ahouri uwuvugishwa n'Imana? » Hanyuma baramupfukura maze abamukubita bacabaravuga bati: « Ninde muri twebwe yagukubise? Nuvugishwe maze ubitubwire!Aho rero duca twemera ko uri uwuvugishwa n'Imana! »Ariko ntiyarushe yugurura

n'umunwa!

Igihe mubonye hahagurutse umuvugishwa afise inyishu zose ku bibazo

vyose vy'ubupfu mushobora kubaza, ni mwibuke ibi :ntaba ari uwuvugishwan'Imana! Uno musi bagomba kumenya vyose, igihe muzoba murwaye amenyo,igihe muzoba murwaye mu nda n'ibindi vyose, kandi bagategerezwa kubibabwira. Ivyo ntibiri muri kamere y'Imana. Ni mufatire icitegererezo ku bavugishwan'Imana b'ukuri, ni mufatire icitegererezo kuri Yesu.

141 Raba Paulo, we yari yarashoboye guteza uruhumyi umuntu ariko akareka

umucuzi akamwirukana muri iyo ntara! Abantu bavuze bati: « Ndibaza ko yatakajebwa bushobozi bwiwe bwo guteza uruhumyi. »

Yesu, We yari ashoboye kuzura abapfuye, yararetse umusoda yaborewe

amufata nabi kandi amucira amate mu maso! Bamushize igitambara mu mutwe,bamukubita mu mutwe, bamushikura ubwanwa, bamucirako maze baramubwirabati: « Vugishwa maze utubwire uwagukubise! » Ariko we ntiyarushe yugururan'umunwa.

Ntimukiteho abo bavugishwa bazi abakora ubugenegene bw'idini bose.

Ariko mwibuke ko ata kindi bakora atari ukutumenyesha ikintu kanaka: ni ukoamadolari y'amiganano agaragaza ko hariho ay'ukuri. Iyo mubonye ivyo bikorwavy'amadini bigurira kandi bigatera imbere nk'uko havugwa ko « azokora ivyoyigombeye atunganirwe », ni mwibuke gusa ko hariho ishengero ritoyary'Imana ahantu kanaka ryuzuye vy'ukuri Mpwemu Yera w'ukuri kandi ririko riraduga icuririzo. Ntimukarabire ku madini akomakomeye.

142 Ni irihe shengero rikomeye kurusha ayandi rivugwa muri Bibiliya atari iryomu gihe c'ishengero rya Efeso? Kandi igihe Paulo yahashika amaze guheturaibihugu vyo haruguru vyo muri Asiya, yahasanze abagabo cumi na babiri! Niivy'ukuri! Bose bari abagabo b'intore, barashira akamo hejuru kandi bakagiraibihe vyiza ariko n'ubwo vyari bimeze uko ntibari bwahabwe Mpwemu Yera.Paulo arababaza ati: « Mwarahawe Mpwemu Yera igihe mwizera? »Baramwishura bati: « Ntitwari tunazi ko hariho Mpwemu Yera!»

Aca arababaza rero ati: « Mwabatijwe umubatizo ki? » Namba vyose vyarico kimwe, ni kubera iki yoba yarabajije ico kibazo iryo shengero?

Baca barishura bati: « Twaramaze kubatizwa n'umwe mu bantu bahambayebigeze kubaho kuri iyi si, Yohana umubatizi, urya nyene yabatije Umwami wacu.Uwo mubatizo none si mwiza bikwiye? »

Paulo arababarira ati: « Oya, haba namba! Mutegerezwa gusubira kubatizwakuko Ubwami bumatanijwe n'ikindi kintu. Yohana yabatije umubatizo wokwihana atari umubatizo wo guharirwa ivyaha. Yavuze ko mwategerezwa kwizerauwagira aze inyuma, ni ukuvuga Yesu. » Bumvise ivyo, baca babatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo. Ni ivy'ukuri, ni uko nyene. Baca bakora nk'uko Ivyanditswe bivuga.

143 Mu gikorane co gushikanira Imana urusengero co muri iki gitondo twabonyeukuntu Mose yisunze icitegererezo yari yabonye mw'Ijuru maze ashiraho ihemaryo kucerekana. Igihe Salomo yubaka rwa rusengero, yakoze iki? Yisunze icitegererezo Mose yari yatanze kw'Ihema, gurtyo aguma mu murongo w'Ivyanditswe.

Kandi igihe Imana yinjira mu Rusengero rwayo mu misi ya nyuma, muri

rurya Rusengero rwa Mpwemu Yera, urwo yari yaravuzeko ati: « Wanteguriyeumubiri », igihe Mpwemu Yera yamanuka ku musi wa Pentekote, ubutumwabwabaye ngo: « Ni mwihane kandi umwe wese abatizwe mw'Izina rya Yesu-Kristo, kugira muharirwe ivyaha vyanyu; kandi muzohabwa ingabire ari yoMpwemu Yera. Kuko isezerano ar'iryanyu, n'abana banyu n'abari kure bose,abazohamagarwa bose n'Umwami Imana yacu.» Namba mugomba kwitamuganga umupasitori wanyu, muganga Simoni Petero yaranditse umuti, umuti uhoraho. Ni wo ukiza abarwaye.

144 Muretse umudandaza w'imiti w'umubeshi ngo awubahe ukutari ko,

akoresheje amadini, muzoronka... Murazi, iyo murengeje urugero rw'umuti,murashobora kwica uwurwaye. Mudashizemwo uwukwiye, ntuzoshobora gukoraigikorwa cawo co kwica umugera kandi nta ciza na kimwe uzokorera umuntuwanyu arwaye. Ariko umuganga wanyu we, yari azi neza na neza umuti yari akwiye kubandikira.

Kandi Kristo, Mpwemu Yera, ni We yahinguye uwo muti. Ni we

yawanditse. Ntihagire ico muwongerako canke ico muwugabanyako:

Nimufate umuti uko uri. Ni umuti w'indwara zose. Imana ibahezagire!

Muramukunda? Amen!

Ndamukunda, ndamukunda

Kuko ari We yabanje kunkunda

Kandi andonkera agakiza

Ku giti c'i Karuvariyo.

145 Mu gihe turiko turaririmba aka karirimbo, duhindukire maze turamutse uwo

turi kumwe. Oh, nawe nyene n'ingenzi itegerezwa guca muri iyo nzira!

Ndamukunda, ndamukunda

Kuko ari We yabanje kunkunda

Kandi andonkera agakiza

Ku giti c'i Karuvariyo.

Ndamukunda, ndamukunda

Kuko ari We yabanje kunkunda

Kandi andonkera agakiza

Ku giti c'i Karuvariyo.

Ndamukunda, ndamukunda

Kuko ari We yabanje kunkunda

Kandi andonkera agakiza

Ku giti c'i Karuvariyo.

146 Ubu rero twunamike imitwe yacu, twugare amaso kandi twerekeze amabokon'amajwi yacu ku Mana mu gihe mpaye umwanya umwungere wanyu.Turanezerewe kuba turi kumwe ngaha. Ntituri idini. Nta kindi cagezwe dufiseatari urukundo, nta za nemera zindi dufise atari Kristo, nta kindi gitabodufise atari Bibiliya. Nta makarata y'abanywanyi dufise atari ugufatanyakw'abavukanyi gusa kubw'amaraso ya Yesu Kristo atwoza ukutizera kwose. N'uko! Turirimbire hamwe twese ubu rero tuti: «Ndamukunda,

ndamukunda...» Imana ibahezagire. Muzogaruke kutugendera. «. Kuko ari We

yabanje kunkunda...» N'uko, pastori Nevile. Imana ibahezagire... « Kandi

andonkera agakiza...»

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7